# Ukwihishura Kwa Yesu Kristo

Jeffersonville, Indiana, USA

04 Kigarama 1960 Mu Gatondo

1 Urakoze cane Dwene Data Neville.

Murashobora kuvyagira.

Aho hamberendibaza ko ari ho hari uwavuze ngo :

« Naranezerewe hamwe bambwira, bati 'Tugende tuje mu ngoro y'Uhoraho!'"

Tubabajwe no kubona tudafise aho twicarikaabaje ngaha bose, kandi kumbure ko ivyo bizokwunyuka mu ndwi iza, abantu bosebazoba bumvise ko hariho ibikorane ni baza.

Intumbero ya kino gikorane kidasanzwe yariuko tu… Mpwemu Yera yangabishije mu mutima wanje anyemeza yuko : « Ishengero ryo mu gihe cacu ritegerezwaguhabwa ubu butumwa. » Kuko nibaza ko ari bwo butumwa nyamukuru bwo muriBibiliya, kuko buhishura Kristo mw'Ishengero ryiwe muri kino gihe.

Nta muntu ashobora kugira ukwizera, cankengo amenye ico yokora canke iyo yoja, adafise ico ashingiyeko ivyiyumviro vyiwe bo n'ukwizera kwiwe. Gurtyo,namba Ivyanditswe vyaraduhishuriye Kristo muri iyi misi ya nyuma, bo n'ingeneibihe turimwo bimeze, vyotugirira akamaro ku -kubiserangura no kubona ahotugeze.

2 Rero tu -turababajwe no kubona urusengerorwacu rutagutse kurusha aha, turizigiye ko umusi umwe tuzoronka ururutauru.

Mu gihe nariko ndiga ku bijanyen'ivy'akahise ka -k'igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana na cane cane iyi misi ineishize, narubuye ibintu ntari bwigere nibaza ko vyashitse koko. Kandi ivyo vya-vyanteye kwiyumvira ko inyuma y'ibiBihe Ndwi vy'Ishengero, noshima gutanga urundi rukurikirane rw'ibikorane rusan'uru kugira ngo nerekanire hamwe « Ishengerorya -ry'ukuri » bo n' « ishengerory'ikinyoma » mfatiye kuri kahise no mu Vyanditswe gusa ; nk'uko nari mazekugerageza kubikora mu butumwa bumwe nerekana « uruzabibu rw'ukuri » bo n' « uruzabiburw'ikijakija », nk'uko tuzisanga muri Bibiliya.

3 Tugiyekugerageza kurondera intebe nkeya mu gihe nkivyiyumvirako kugira abantubashobore kwicara. Kandi tugiye kugerageza kurondera izindi ntebe nyinshikugira ngo twuzuze ibibanza vy'inyuma, aha na hariya, bo n'izindi kandi hiryano hino, gurtyo rero abantu twoshobora kwicarika bazokwiyongera mu gihec'ibikorane.

4 Nkirikuri ivyo, nagomba gusaba umwe wese mu bo ivyo bintu vyoshimisha vyukuri koboza muri buri gikorane aho tuzovuga kuri ivyo. Kandi sinofata, canke ngo mbenariyumviriye ubwanje... [Agacekatavuga kuri bande —Umw.]…kuggerageza… [Agace katavuga kuri bande]…iki Gitabo gihambaye c'uguhishurwa kwa…[Agace katavuga kuri bande]…vya Bihe Ndwi vy'Ishengero. Ariko niteze ko Imana izokimpishuriraninagishikira.

Kahisemuri rusangi… ndabikura mu banditse ivya kahise ba rurangiranwa nzi. Muri kanokanya nyene, mu biro vyanje harimwo ibitabo bitanu canke bitandatu bivuga kuriivyo : icitwa Za Babuloni Zibiricanditswe na Hislop, ic'Abishwe bahorwa Kristo canditswe na Fox, n'ibindibitabo vyiza, nk'akarorero ikivuga Ivy'imbere ya ya Nama nkuru y'i Nikaya,kandi kimwe kimwe cose gifise nk'impapuro amajana ane ; Kandi ku bijanye na yaNama nkuru y'i Nikaya, dusangamwo ibishobora kudufasha vyose bijanye na kahise.Kuko dufatiye ku makaseti, tugiye kwandika ibivugwa ku Bihe Ndwi vy'Ishengero,ivyo tuzorungika mw'isi yose nitwabishobora, kuko turi mu misi ya nyuma. Turimu gihe c'ihererezo.

5 Umutimawanje ntiwari bwigere ukorwako n'ivyo bintu nko kuva habaye aya -aya matoraaheruka ; ico gihe rero naciye mbona aho tugeze. Kandi Mpwemu Yera yaciyeatangura buhoro buhoro kubimpishurira kugira ngo nga -ngabishe abantu kandimvuge ivyo bintu. Kandi sinoshobora kubikorana inkomezi zikwiye mu -mw'ishengero nk'iri. Kandi mpfuye kwicarakugira ngo nandike ico gitabo… nibaza ko hamwe noja aha havugirwa ubutumwa,maze uguhumekerwa na Mpwemu Yera mu bakristo kukamanukako ngo kumfashe, ahorero bizonyorohera kwandika ico gitabo, ivyo nandika ndabikuye ku makaseti,kuko aho tuzoharonkera uguhumekerwa n'Imana. Koko ivyo bitabo vyoba bitosowebuhoro buhoro, kuko ngaha tuvuga ibintu ata wobishira mu gitabo. Hanyuma rero tu…Kandi kubera uku kuntu ngumansubiramwo, ivyo vyotwara umwanya munini cane ; ariko mu gitabo, vyose bizobavyakuwemwo utunenge ! Uko biri kose tuzogerageza gushira ubwo butumwa kumabande.

Burimugoroba bene Data bazoba babateguriye aho hanze amakasete, ibitabo n'ibindivyose.

6 Ubu rerovyoshika sinshobore, nk'uko twiyemeje kugerageza kubikora kubw'icubahiro c'Imana,ku -kuvuga ubwo butumwa kuri ya mashengero ndwi canke kuri vya bihe Ndwivy'Ishengero, mu misi indwi buri mugoroba, kuvuga ku gihe c'ishengero kimwebigatwara umugoroba umwe. Nk'akarorero ku wa mbere ku mugoroba : Efeso ; ku wakabiri ku mugoroba : Perugamo ; ku wa kane ku mugoroba : Sarudi ; ku wagatandatu ku mugoroba naho : Filadelufiya ; ku w'iyinga mu gatondo no kumugoroba : Lawodikiya, ari

na co gihe c'ishengero turimwo. Tuzovuga inkuru zakahise k'ishengero ry'inkomoko, be -ben'abanditsi n'abadonda ivya kahise n'abamarayika b'ivyo Bihe vy'ishengero, na-n'ubutumwa n'ukuntu ishengero ryabandanije ritera imbere gushika mu gihe cacu.

Biratangajekubona ingene kimwe kimwe cose mu vyabuwe mu Vyanditswe gihura neza na neza nakahise mu buryo butunganye. Ivyo vyanteye ubwoba cane, ku buryo kugeza ejo,nasomye gushika aho amaso amera nk'ayamvuyemwo. Igihe nasohoka, nabwiye umugore wanje nti: «Sinokwigeze niyumvira koivyo vyobaye uko!» Murabibona? Vyari vyiza cane!

7 Kumbure ko ku musi umwe kumugoroba ntoshobora kurangiza ubutumwa ku gihe c'ishengero navuzeko. Hamwentabuhejeje ku mugoroba, ubwo tuzoca tububandanya bukeye mu gatondo isaha zine.Ivyo bizomenyeshwa buri mugoroba ku bazoshaka kuza kwumva ibizokurikira kukotugiye kugerageza kubishira vyose ku makaseti. Ku murango rero nzokoreshaibikorane, kuva isaha zine gushika isaha zitandatu kugira ndangize ubutumwabushobore gufatwa ku makasete.»

Twaramenyesheje yuko ata bikorane vyo gusengera abarwaye bizoba kuko tugeragezakuguma mu mvugo y'ivyavugishijwe muri Bibiliya. Hano duheruka gukora igikorwaco gusengera abarwaye ubushize. Hanyuma, igihe ibi bikorane bizoherera,tuzongera tugire ibikorane vyo gusengera abarwaye.

8 Kandi ubu, na -nashaka ko ibi bitomorwa neza, kugira ngo uwo ari we wese avyibuke :ngaha, Ijambo rizoshobora gucisha ibintu aho biri, rinyiganyize maze tweseritunyiganyize bikwiye. Ariko hari ikintu kimwe gusa njejwe na co ni ukuvugaIjambo. Vyose aho ni ho bihagaze; kwishimikiza Ijambo gusa. Kandi kenshibizoshika, muri ibi Bihe vy'Ishengero ko ngira ivyo mvuga kw'idini ry'umuntukanaka. Ivyo ni vyashika, si uko nzoba nshaka kuvugwa nabi, ni ukugira gusamvuge ico Ivyanditswe bibivugako bo n'uguhishurirwa ndabifiseko. Hamwe nahomwoba mwibaza ko nihenda kuri ivyo, ntimubimpore; munsengere gusa Imana kugirango inyereke ibibereye, kuko vyukuri nifuza koko kuba mu kuri.

Ikindi naco: Namba ntahura ko njejwe kwigisha abantu, mu gikorane nk'iki… Mpwemu Yeraazombaza amajambo mvugira aha havugirwa ubutumwa. Gurtyo murabona ingene ibibintu tuvyegera tuvyubashe cane.

9 Narinashimye kuvugira ibi bintu ahandi, ariko ko iyi ari inyigisho… Hanze, mubikorane vyo gukwiragiza Ubutumwa bwiza, umwe wese muri twebwe arafise icoavyiyumvirako, canke insobanuro kanaka ihuye n'igihe kanaka, kuko dufiseamashengero yacu bwite, ivyo atwigisha kandi tukavyizera. Sinkunda kujamw'Ishengero ry'uwundi canke mu bantu, maze ngo mvuge ibintu binyuranye n'ivyobigishijwe. Kuko uko biri kwose, narageragejе kwerekana mu buryo burashe…

Iyoumuntu ari Umukatolika akaba aziga agakiza kiwe muri Katolika aba yarazimiye.Iyo ari umubatista akizigira ishengero ry'ababatista, aba yarazimiye. Co kimwe,umupentekote yizigiye ishengero rya Pentekote ngo rimukize, aba yarazimiye…ishengero iryo ari ryo ryose. Ariko uwo muntu ni yashinga ukwizera vyukuri mugikorwa carangijwe na Kristo i Kaluvariyo, azoba akijijwe. Ishengero iryo ari ryo ryose yoba arimwo nta co rimaze, ngo : « Mwakijijwe n'ubuntu kubw'ukwizera.»

10 Rimwena rimwe, nkoze ibi… Hanyuma nkibaza ndi muri karya kumba kanje ahotwatanguriye, hashize imyaka… yari inzu isanzwe gusa yubakishijwe ibeto. Kandimu bisanzwe kuri twebwe ni ikibanza cera. Mu yindi mvugo, ntitwokunze kubonaisubiwemwo kwubakwa kuko ari ho Imana yatanguye guhurira natwe, mu gihe iyi nzuitagira n'igisenge. Ariko iyo nyubakwa irushirizaho gusaza, hanyuma duca tugiraumugambi wo kwubaka inzu mu kibanza c'iyo nyubakwa.

Kandigushitsa aho, ndibaza ko iyo mvuye mu bikorane aho nirinda gutsitaza bene Data,canke mu butumwa mvuga... ngaha ndafise umwidegemvyo wo guserura ico niyumvirampagaze ahavugirwa ubutumwa. Kandi namba muvuga muti : « Banyigishije ukundi »…uwushaka kuza ngaha wese turamutumiye. Ino nzu nta numwe ayegukira. Iri niIhema. Kandi uwushaka kuza wese, ahawe ikaze; n'aze gusa. Ndabatumiye rero ngomuzane Bibiliya zanyu muri buri gikorane, bo n'ico kwandikako.

11 Hanyuma kuri ivyo bivugwa vyose, n'ibindi, sinari gushobora kuzana ibitabo vyanje vyose, gurtyo ico nakoze gusa nimuye kurupapuro aho nakuye ivyo kuri kahise bo n'ivyo abantu bagiye babivugako, kugirango nsome gusa ivyo nimuye, aho kurinda kuzingurura ivyo bitabo. Yamara nivyaba ari Ivyanditswe, duca dukoresha Bibiliya. Ku bijanye n'ivyo abantubabivuzeko canke kahise, tuzotanga aho twabikuye bo n'insiguro. Gurtyo, mu giheco kwandika ca gitabo, tuzoshobora kuvyimura ku buryo vyose bikorwa ata kosa.

12 Tuzokoraivyo dushoboye vyose kugira ngo dutangure kare maze tubarekure hatararenga.Hazoba imisi umunani y'ibikorane uhereye kuri uyu w'Iyinga gushitsa ku w'iyinga uza.

Murikino gitondo, ndatangurira ku gice ca mbere c'Ivyahishuriwe Yohana, ari cogitabo c'Uguhishura; igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana kigizwe n'imigabane itatu.Kandi iyo migabane itatu ni yo tuzovugako muri iyi misi umunani, mu gihe kimwegusa c'ishengero coshobora kudutwara ukwezi. Mbere tuzoca ku masonga gusank'uko babivuga, ariko ni mwaronka igitabo kizoba kirimwo ido n'ido.

13 Mu Vyahishuriwe Yohana, ibice bitatu vya mbere bivuga kw'Ishengero, hanyumaIshengero ntirisubira kuboneka kandi ntidusubira kuribona gushitsa ku gihec'iherezo. Kuva ku gice ca kane gushitsa ku ca 19 turabona Isirayeli nk'ihanga;hanyuma kuva ku ca 19 gushitsa ku ca 22, Isirayeli n'Ishengero biri hamwe, kandi hari vya vyago, imburi,n'ibindi, kw'iherezo. Kirimwo imigabane itatu. Kandi dufata ibice bitatu vyambere vyerekeye Ishengero, bo n'igihe c'Ishengero turimwo.

Muntango ivyo bizogaragara nk'aho bigumye, kuko tuzotegerezwa gusubira inyumadushireho urufatiro. Narasenze, ndavyigako, ndakora n'ivyo nari nshoboye kugirangerageze kurondera ico Mpwemu Yera abivugako, kugira ndabivuge mu mvugo abantubatahura, kandi kugira ngo mubibonye mushobore kumurikirwa no kurushirizahokwegera Kristo, kuko turi mu gihe c'iherezo.

14 Vyukuri vyari bihimbaye igihe nariko ndiga kahise, ndaba ingene iri Shengeroryatanguye, ingene ryadebukiwe, bo n'ivyaciye bishika; kubona ingene ako kabutok'Imana kagumye kabandanya muri ivyo bihe vyose, harageze n'igihe kamera nk'ahokanaserutse rwose.

Ejo kumugoroba, tuzotangura, kandi aha hazoba hariho ikibaho cirabura, kugira ngonshobore kubigisha nkoresheje ikibaho. Ndizera ko hano hari umwigisha wokw'ishure ry'uw'iyinga afise ikibaho. Mbere ndabona ico kibaho hariya inyuma.Ndaja gusaba umunyezamu akinzanire maze agishire aha imbere; gurtyo nzoshoborakwigishiriza kuri ico kibaho co kwandikako, no kwandika vyose kugira mubimenyemudakekeranya, kandi mushobore gucapa no kwimura neza ku rupapuro rwanyu.

15 Yamarakandi ngomba mvuge ibi gusa imbere yo gutangura. Tuzobona intango y'igihec'Ishengero, intumwa, inyigisho ngenderwako, ibintu bigisha, bo n'inyigishoz'urufatiro za Bibiliya. Hanyuma tuzobona muri iryo Shengero, mu runganwerugira kabiri rw'intumwa, ingene inyigisho y'ukuri yatanguye gutituka. Murunganwe rugira gatatu yari yamaze gushika kure. Mu runganwe rugira kaneyaratitutse gushika aho ishengero ryacitse akazuyazi.

Ishengeroryuzuye Mpwemu Yera...(Ivyo ndabivuganye ugusonera kwera mfitiye ugusengakw'umuntu wese). Kuva ku ntango gushika uyu musi, Ishengero ry'ukuri, nyakuri,ryari Ishengero ryo ku musi wa Pentekote. Ni ivy'ukuri, Imana yarashize iryoshengero ku ruhande.

Akenshi mpora nibaza icoYesu yashatse kuvuga igihe yavuga ibi, ngo : « Yemwe mwa busho buto, ntimutinye : kuko So bimuhimbara kubaha Ubgami.»Kenshi mpora nibaza ico bisigura, ariko ubu ndabitahura.

16 Mw'iyingariheze, twaragize igikorane i Shreveport, muri Louisiane, ni co gikoranec'ivy'impwemu gikomeye kurusha ibindi nagiyemwo mu buzima bwanje.

Nari…narimfise imisi mikeyi y'akaruhuko maze nca ndamanuka guhiga muri Kentucky ndikumwe n'umwe muri bene Data wo mu muryango wa Wood, umwe mu badiyakonib'ishengero, canke ahubwo umwe mu bajejwe ivy'inyubako zaryo. Kandi twaciyetuja mw'ishamba.

Narinarashe umuhare wa mbere, maze nca ndibwira nti : « Ngira ndindire.» kuko hariuwariko ararengana afise imbwa. Kandi nibwira nti : « Ngira ndindire gushitsaimihare ivuye mu myobo yayo ; iri hariya hejuru mu biti, mu myobo yayo,iranyegeye muri uno mwanya ». Nibwira nti : « Niyasohoka… Ngira ngume nicayengaha, ndindiriye ». Vyukuri hari hakanye nk'urubura, amatwi yariko arandya…murazi, wa muyaga ukaze cane winjirana aho ari ho hose. Nibwira nti : « Ngirandindire ko imihare isubira gusohoka. »

17 Ntaranicaranza numva Mpwemu Yera ambwira ngo: « Haguruka uje ha hantu wita

“Ikinogo c'Uwinonora imitsi”, kandi aho ni honja kuvuganira nawe. »

Kandinaciye nduga aho hantu nari nise «Ikinogo c'uwinonora imitsi». Namba ivyobinogo ndabiha amazina, ni ukugira ngo menye aho ndi. Nari nahise «Ikinogoc'Uwinonora imitsi » kuko nari nahabonye imihare cumi n'itandatu iri ku gitikimwe, narārashe igitigiri cayo cemewe n'amategeko, iyisigaye ndayireka, mazenca ndataha (ukwo ni kwo kwinonora imitsi, ikintu co gukora); ni co gituma ahohantu nari nahise «ikinogo c'uwinonora imitsi. »

Uko ni koyambwiye ati : « Aha hantu wise “Ikinogo c'uwinonora imitsi”.» Si We yahahayeiryo zina, ariko ni jewe narihise.

Naciyerero ngenda ku nkombe y'ico kinogo maze nicara munsi y'Umweloni wera;ndarindira hafi igice c'isaha, kandi ntihagira na kimwe kiba.

Nararyamye hasi, ndapfukama,ngaranzuye amaboko. Ni ho rero yavugana nanje.

Igiheyabikora, Ijambo yampishuriye (kuri iyi mirongo nyene tugiye kwigako muri ikigitondo), sinari bwigere ndaritahura kuva nabaho.

Hanyumaigihe naja i Shreveport, muri Louisiane, umugore umwe... uwo mugore, umwigemeyitwa

Shrader yari afise impano.

18 Hashizeimyaka myinshi, Umumarayika w'Umwami yarambonekeye ndi ku nkengera y'uruzi ariryo rya mbere...Yari yabonetse muri urya muco, kandi ayo majambo yari yavugiyehariya... Inyuma y'imyaka cumi n'umwe, igihe ninjira muri ico gikorane wamugore aca arahaguruka, avuga mu ndimi maze arasobanura. Vyari bimwe nyeneumumarayika yari yavuze, ijambo ku rindi.

Kandi uwomugore nyene, igihe ninjira mw'ihema ry'i Shreveport, aho twari turi (Ihemaryitwa Life Tabernacle), Mpwemu Yera yaramanutse kuri uwo mugore, kandi avugaivyo yari yambwiriye hariya hejuru ku musozi, ijambo ku rindi. Ni ho reroMpwemu Yera yaciye atangura gukora aca atanga insobanuro, abura ibitarababiciye mu guhishura, mu kwuvugishwa, ibintu vyategerezwa gushika mu gikoranec'umugoroba wakurikira; kandi ivyo ntivyigeze bibura gushika.

Imberey'ivyo, hari umugore w'umubatista yahagurutse mw'ikoraniro; yari yaje ngaho atakindi kimuzanye. Yari mw'ikoraniro, maze Mpwemu Yera amumanukako aca atangurakuvuga mu ndimi (yari umubatista wo mw'Ishengero rya Mbere ry'ababatista ry'iShreveport). Ntiyamenye ivyo yakoze. Kandi imbere y'uko ashobora kuvuga ico arico cose, Mpwemu Yera yaciye atanga insobanuro, ivuga ngo : « UKU NI KO UHORAHOAGIZE, ngo imbere y'uko amezi atatu ahera, ya Mpwemu ya Mose, ya Eliya n'iyaKristo izoba iriko irakora muri rino hema » Ivyo vyarashitse mu buryobutunganye.

19 Umubatistew'i Meridian, muri Mississipi, yagira akore muri firigo kugira ngo yiherezeikintu igihe Mpwemu w'Imana yamuzako, aca atangura kuvuga mu ndimi, atazi ivyoariko arakora. Kandi imbere y'uko atahura ico yariko arakora, Mpwemu Yerayongera kuvugana na we avuga ati : « Ja i Shreveport, muri Louisiane, umushumbawanje azokubwira ivyo utegerezwa gukora. »

Uwomugabo yaraje, avuga ati : « Nta na kimwe ntahura, ibi ntivyari bwigerebinshikira »

Oh! Turi mumisi ya nyuma, gato imbere y'Ukuza kw'Umwami.

20 Ishengero rito ryo kuri wa musi wa Pentekote ryamye ririmwo inkehwa. Simvuga amadini yapentekote, oya! Aha mvuga abashitsweko n'ubushobozi bwo ku musi wa Pentekote. Pentekotesi idini, Pentekote ni ubushobozi bushika ku bavyipfuza bose. Abakatolika,Abayuda, Abanyedini, Abametodiste, Ababatiste : « Uwuvyifuza wese n'aze! » Niibishika ku muntu ku giti ciwe. Imana ntikorana n'idini, ntikorana kandin'abanyamahanga nk'ubwoko canke ihanga. Ikorana n'umuntu ku giti ciwe. «Uwubishaka wese », yaba uwera, umwirabure,uwusa n'umuhondo, ari inzobe, Umumetodiste, Umubatiste, Umuporoti, Umukatolika,uwo ari we wese : « N'aze! » Uwo ari wewese! Ndanezerewe cane kubona ikora muri ubwo buryo.

Novugank'uko umuntu umwe yigeze kuvuga ati : « Ndashima kubona yavuze ivyo hakoamvuga mw'izina! » ati : « William Branham n'aze! » kuko hari gushoborakuboneka abandi bitwa William Branham. Ariko ivuze iti : «Uwo ari we wese», nca menya ko na jewendimwo.

Uko ni kotwese twoshobora kuvyiyumvamwo. « Uwugomba wese n'aze! »

21 Ndazi kohariho abantu benshi barindiririye hariya hanze, mu mahoteli, mu mazuy'ingenzi, kandi baje bava mw'isi yose. Murabibona? Hariho abaje bava muriIrlande n'ahandi, barindiriye ko tubonana. Ariko muri aka kanya sinshoborakuvugana na bo. Birakenewe ko ibi ndabifatira umwanya, murabitahura.

Iyo mvuyemu rugendo, kenshi ntegerezwa gutangura kuvugana n'abo bantu, kuko baba bajekw'isango twavuganye. Ariko kubw'ibi, dutegerezwa kuba turabihojeje.

22 Ikindikandi imbere y'uko dutangura kwiga iki Gitabo. Mu ntango hariho Ishengero ryokuri wa musi wa Pentekote; kandi iryo Shengero ryo ku musi wa Pentekote ryavuyemu bushobozi bwa Mpwemu maze rica ryandika Igitabo c'Ivyakozwe n'intumwa.Icakurikiye kwabaye ugutangura guta inkomezi, Ishengero riba rihindutseiry'imigenzo, igihe c'ishengero rya kabiri cari vyukuri ic'imigenzo ; yamarakarya kabuto ko ku musi wa Pentekote karabandanije gukurira mu mpwemu. Hanyumakinjira mu gihe c'umwiza, camaze hafi imyaka igihumbi n'amajana ane kandikaciye mu guhamwa gukomeye; ariko uwo mugwi muto wo ku musi wa Pentekotewabandanije ubaho uca muri ivyo. Uko wabandanije kubaho, ivyo ntimubimbaze;cari ikiganza c'Imana, conyene ni co cari gishoboye kubikora.

Kukobababamba ku giti. Bafata abagabo bakabacurika ku gishitsi bagaca bafata imamboz'ibiti bakazibatera mu maguru, bagaca babarekurirako ibikoko, imbwa, bikabaryamu migongo, bigasohora amara yabo, bataranapfa. Barafata abagore, bakabacaamabere nk'uku amabere yabo y'iburyo, bagaca babareka bakavirirana kugezabacikanye. Bakura inzoya mu nda z'abagore bibungenze bakaziha imbwa n'ingurubengo zizirye abo bagore babona. Ivyitwa ubukristo! Yamara Bibiliya ivuga iti, na Yesu akavuga ati: «Igihe kizoza aho bazobica bibaze ko bakoreyeImana » Murabibona?

23 Ariko icokintu carabandanije gushika mu gihe cakurikiye. Hanyuma, caruhiye kwiyerekanaigihe co kuringaniza ukundi gusha ivyo gusenga. Ryarushirijeho kuja kure yaMpwemu gushika no muri iki gihe ca

nyuma aho biteguriye kwiyunga no gukoraigishushanyo ca ca gikoko.

Yamara uwo Mpwemu aciye bugufi azoba mu mitima y'abantu kugeza Yesu agarutse.Bikwiye kuba gurtyo.

Ico kintuturaja kucerekana dukoresheje ibicapo, tuvyerekanishe kahise n'ibindi, kanditubereke neza na neza ko ari ko bimeze. Nimwisomere kahise, murabe ivyoBibiliya ivuga bo n'ivyo kahise kavuga, murabe ingene vyose bihuriza hamweneza.

Yo! Eseibi tutobifata nk'aho ari inama isanzwe, ariko tukakirana iteka n'ubwitonzibwose imburi za Mpwemu Yera, maze tugasenga ijoro n'umurango. Ntihagire nakimwe mwemerera ngo kibabuze kubandanya musenga.

24 Turajakuvyinjiramwo maze dushire ahabona ubuzima bw'abo bantu bahambaye b'ahohambere, kandi tuzobona ingene bitanze. Muzobona ingene ivyo mwakoze ari bike.Ivyo rimwe na rimwe birantera isoni iyo niyumviriye ingene turondera ubuzimabworoshe mu gihe bo bari bafise ubuzima bugoye cane. «Bayerera» niko Paulo avuga mu Baheburayo 11,

«bambaye insato z'intama n'iz'impene, bari baburaniwe bababazwa,bagiririrwa nabi...» Mbega intahe yacu izoba iyihe hambavu y'iyabo? Hanyumanatwe tugasaba ubuzima bworoshe!

25 Ubu, mukwubaha, imbere yo kwugurura Igitabo, nashaka ko muri twebwe ababishoboye bosebohaguruka kugira ngo dusenge akanya gato. N'imitima ikeye twongorere Imanamw'isengesho.

Mwami Mana, Muremyi w'Ijuru n'isi, Nyen'Ubugingo budashira kandi ugatanga impano zosezitunganye kandi nziza, dushaka kugusaba Mwami, ngo ubanze uduharire ukutagiraico tunezwe kwacu, ivyaha vyacu vyose bo n'ivyo twakugabitanijeko Wewe, ivyotwagabitanije ku bandi no kuri bagenzi bacu.

Ese akakanya k'igikorane katokwubaka gusa ubugingo bwacu, ariko kandi kakatumurikiramaze kakadusunika cane ku buryo tuja kubwira abandi.

Kabe akanyako kwongera kwishikana, twifatanya n'Umubiri wa Kristo wose kandi twiteguriraizamurwa.

O ManaData wa twese, ntibibe ivyo niyumvira ubwanje, usanzwe uzi ko umushumba wawen'abandi bashumba batikwije kubwa kino gikorwa gihambaye. Iyo turavye ingeneabo bahizi ba kera bagerageje n'imitima yabo yose guhishura ibi, canke kugiraico bavuze kuri ukwo Guhishurwa gutangaje; turatahura yuko tubarusha kubaabantu ata co bashoboye. Ariko Wewe, uri Uwudushoborera vyose.

26 Kandindagusavye Data wo mw'Ijuru, ngo ukore ikintu kidasanzwe muri bino bihe, MpwemuYera aganze muri buri mutima, ukebe iminwa ivuga bo n'amatwi yumva. Kandi vyosebirangiye (maze ivyo tukabigushikanira), tuje gusohoka iyi nzu tuvuga duti: «Vyarivyiza ko tuba ngaha; Mpwemu Yera yavuganye natwe igihe twari twicayeho.» Kandiuhereye none, dufashe ingingo yo gukora ivyo dushoboye vyose, mu gihe Umuco woku kagoroba ucaka. » Ubituronse, ewe Mwami!

Ese abagabo n'abagore boshikama muri kino gikorane cose. Ese wohagurutsa impanoz'ukwuvugishwa, abavugabutumwa, abungere, abavuga butumwa bwiza, n'abandi,kugira ngo Ishengero rishobore kwubakwa. Hagurutsa abavugabutumwa bashoborekuja kure mu murimo bajanye ubu Butumwa bwiza butangaje. Aho Ijambo rija hose,rigwe mw'ivu ryiza, urutete rumwe rwame ijana, kuko twizera ko turi kw'iherezory'igihe, kandi iherezo ry'iki gihe riregereje.

Ewe Data,duhe ivyo bintu. Kandi ikirushirije, umfashe Mwami, jewe ndabikeneyebidasanzwe. Kuko ndabigusavye nkwishikanira kubw'ibi bikorane. Mw'Izina ryaYesu Kristo. Amen.

27 [Mushiki wacu umwe avuze mu ndimi Mwene Data umwe aciye atanga insobanuro. "Bantu banjye, nyumva. Reka amatwi yawe yugurure kugenda k'Umwuka w'Imana. Reka imitima yawe yumve, kuko ngiye kuvugana nawe, bwoko bwanjye, ibi, umuhanuzi. Agiye kuzana ubujyakuzimu bwibi, Ijambo ryanjye - ibintu bizatangaza imyumvire yawe. Agiye kutwugururira, kuri wewe, ibintu byinshi utazigera usobanukirwa, usibye ko byamenyekanye mubyumwuka bikaguhishurira aribyo. Mugisha imitima, bana. Mumwitegereze, kugira ngo mubashe, nkuko avugana n'umuhanuzi abwira ibintu ibyacu ... bikwereka ko ashaka ko wumva ....

"Iyi ni umuburo. Nubwa nyuma Ijambo rigiye kubwirwa mumitima yabantu benshi. Iki nikigihe imyumvire yacu igomba gutanga umusaruro. Reka rero Umwuka avuge binyuze ku muhanuzi wacu, umuhanuzi w'Imana, kandi imitima yacu yatumye dusobanukirwa. Reka dukusanyirize hafi kugirango tutabura ikintu gifite agaciro cyane kuburyo tutabura. Ukwo ni ko Yehova avuze. "]Mana Mushobora vyose, Wewe wazuye Yesu umukuye mu bapfuye, turanezerejwe cane nokumenya ko Mpwemu wawe aguma hagati yacu. Yama ari uw'ukuri kandi ntiyigeraavuga ijambo na rimwe ry'ikinyoma. Kandi ubu, Data, ongera wemeze Ijambo ryawe,mu gihe turisoma, kubw'icubahiro cawe. Kandi umutima wose, nk'uko wabivuze,«Utegurwe kugira ngo ube witeguye, kuko hariho ikintu kigiye gushika». Kumbureabantu bagiye

guhabwa imburi ya nyuma kugira ngo bave mu bintu bariko bakoraubu maze bagaruke mu nzira yo kugororoka. Turagushimiye, Mana Yera, mw'Izinary'Umwana wawe, Umwami Yesu. Amen!

28 Ubu reroreka dufate Igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana, igice ca mbere. Ngomba kubanzagusoma imirongo itatu ya mbere.

«Uguhishura kwa Yesu Kristo, ukwo yahawen'Imana ngo yereke abagurano biwe ibigira bibeho vuba, agatuma umumarayika wiweakabimenyesha umugurano wiwe Yohana:

Yashingiye intahe ivyo yabonye vyose, ni vyo ry'Imanano gushinga intahe kwa Yesu Kristo.

Hahirwa usoma, hahirwa n'abumva amajambo y'ukukwuvugishwa n'Imana, bakitondera Ivyanditswe muri yo: kukw'igihe kiri hafi! »

29 Nk'ukonabivuze kare, ubu, tugira tugerageze kuba turagarukiye ngaha gusoma muri ikiGitabo, kugira ngo dusuzume ivyo kahise katubwira. Kandi igihe cose mubonanishimikiza ivyo nanditse ngaha, ni ibintu nakuye mu vyo abandi bavuze cankeahandi.

Umwanditsiw'iki Gitabo ni Yohana, Uwera Yohana w'Imana, ni we yandikiye ivyo abo murunganwe ruzokurikira; vyarungikiwe abamarayika ndwi b'ibiringo ndwibitandukanye vy'igihe c'abakristo, igihe gitangurira mu misi y'intumwa gushitsaku kuza kw'Umwami; Ibihe biseruka bikurikirana, uhereye Umwami wacu aduzegushitsa ku kugaruka kwiwe. Igihe cose c'ishengero kiravugwa uko kiri mu buryobw'impwemu. Iyo Mpwemu avuze, igihe c'Ishengero cose kirashobora kwisuzuma gikoreshejeIvyanditswe na Mpwemu. Igihe kimwe kimwe cose cari gifise Uruzabibu rw'ukurirwa Kristo, ari rwo nkumi y'ubwenge; kandi igihe cose cari gifise n'uruzabiburwatewe nk'ingurukizi, inkumi y'ikijuju.

30 Kubijanye n'ubuzima bwa Yohana, abize ivya kahise bahuriza hamwe kuvuga yukoYohana imyaka yiwe yo kubaho ya nyuma yayimariye mu gisagara ca Efeso, kandi niho yapfiriye. Yari ku kizinga ca Patimo igihe yandika igitabo c'Ivyahishuwe.Ntiyari inkuru y'ubuzima bwiwe, ariko yari inkuru ya Kristo mu bihe bizoza.Murabona, bwari ubuvugishwa. Si ubuzima bwa Yohana, canke ubwa Kristo, ariko niubuvugishwa bwerekeye igihe kizoza. Ntibwari ubuvugishwa bwatanzwe na we, arikokwari ukugaragaza ubwiza bw'Umwami. Ntikwari Uguhishura kw'uwera Yohana w'Imanaariko kwari Uguhishura kwa Kristo, Umwami.

Ni cogitabo ca nyuma c'Isezerano risha. Yamara kirondora itanguriro n'iherezory'ukugabura ivy'Ubutumwa bwiza. Abanyabwenge mu vya Bibiliya ico kintubaragihurizako.

Ivyetevyandikiwe ibihe ndwi vy'ishengero vyanditswe bivugishwa ku bihe bizoza. Pauloyaradondoye ubuzima n'ubwiza bw'amashengero ndwi yariho mu gihe ciwe. Yohanayaradondoye ubuzima n'ubwiza bw'amashengero ndwi yo muri kazoza; yabariraabungere ndwi, canke intumwa, co kimwe n'uko yobibwira abakristo bosebarongorwa n'ubukozi bw'abo bamarayika ndwi batandukanye.

31 Turajakugabura ubutumwa bwacu igice kimwe mu gitondo ikindi ku mugoroba, maze turajakugerageza guhagarika nk'isaha zitanu, isaha zitanu n'igice canke ikintunk'ico. Hanyuma turasubira gutangura kuri uno mugoroba isaha imwe.

32 Ubu rero, ng'ibi ibiri muri iki gice ca mbere :

Umurongo wa mbere... u -uvugakuri We nyene, kuko ari Uguhishura kwa Yesu Kristo. Ku murongo wa kabiri, turabona ko Yohana ariwe mwanditsi akaba n'umugurano. Kumurongo wa gatatu, haca havugwa imigisha. Kuva ku murongo wa kane gushitsa ku wa gatandatu, ni indamutsokw'Ishengero. Ku murongo w'indwi, niibimenyeshwa. Ku murongo w'umunani, ni

Ubumana budahinyuzwa bwaYesuKristo. Ku murongo w'icenda gushika kuwa mirongo ibiri, ni ivyo yerekewe i Patimo.

Harihon'imirongo iva ku wa cumi na kane gushika ku wa 16 idondora ubwiza bwiwebugaragara mu buryo ndwi. Yo, ese ingene ari vyiza kubona Kristo mu kugaragarakwiwe kuri uburyo indwi ari mu bwiza bw'Ukuzuka kwiwe.

33 Kandiijambo ry'umutwe riradondora uwuvugwamwo, ngo :

Uguhishura kwa Yesu Kristo,…

Siuguhishura kw'uwera Yohana w'Imana, ahubwo ni Uguhishura kwa Yesu Kristo Umwanaw'Imana.

Ijambory'ikigiriki risigura uguhishura ni«Apocalypsis» risigura «ugushira ahabona», Iryo jambo narifashenca ndiga ico risigura. Uguhishura, ni nk'umuconzi yakoze igishushanyo kininiaca aragitwikira. Hanyuma, akaza gutabura uwo mwitwikiro, akabona gushiraahabona icari kinyegeje. Ni ugushira ahabona.

Kandiico gitabo ntigishira ahabona gusa Ubuperesona bwa Yesu Kristo (yamara kiravuganeza ivy'Ubumana bwiwe n'ivy'uko agaragara mu buryo ndwi, bo rero n'ibindibiranga uko ari : Umuherezi,

Umwami, n'ibindi), ariko ni uguhishura kw'ibikorwavyiwe azokora mu bihe ndwi vyari bigiye kuza vy'Ishengero ryiwe. Bi…

34 IgiheUmwami wacu yari kw'isi, abigishwa baramubajije bati : «Mwami, iki gihe ni cougira ugarukane ingoma y'Abisirayeli?»

Yesu arishura ati : « Si ivyanyu kumenya imisicanke ibihe.» Nta muntu yobimenya; kandi muri ico gihe : « n'Umwana ntiyariabizi! »

Ariko hanyuma y'urupfu rwiwe, uguhambwa kwiwe,Ukuza kwiwe bo n'ukuduga mu bwiza kwiwe, Yahawe n'Imana ukumenya kazozak'Ishengero. Ni ho rero yaca agaruka azaniye ubu Butumwa Ishengero, Ubutumwabw'Ukuza kwiwe bo n'ingene amashengero yiwe azoba ameze uko ibihe bizogendabikurikirana.

Ntiyari gushoborakubikora imbere y'urupfu rwiwe, y'uguhambwa kwiwe bo n'ukuzuka kwiwe, kukoatari bwabimenye. Ariko mwoba mwabonye ico Ivyanditswe bivuga ngaha?

Uguhishurakwa Yesu Kristo, ukwo yahawe n'Imana ...»(Kristo).

Gurtyo,Imana Data yahaye Uguhishura Umwana wayo Yesu Kristo. Kandi yarungitseumumarayika wiwe kuri Yohana kugira amenyeshe ibi bintu vyariho, biriho, kandibizobaho. Yo, vyashizwe ahabona mu buryo butangaje!

35 Kandi muri ico gihe ciza cari kigiye kuza, ari na co Yohana yabonye... UkuGuhishurirwa yaguhawe gusa kugira ashire ahabona ivyo Kristo yagabiyebidasanzwe, ico azoba ari bo n'ukwo azoba asa muri buri gihe cose c'Ishengero.Ni co gituma muri iki gitondo navuze nti: ni mugumize ivyiyumviro vyanyu kw'Ishengero ry'ukuri! Ishengero ry'ukuriryatanguye ku musi wa Pentekote.

Ntamunyetewolojiya n'umwe, umunyabwenge mu vya Bibiliya, canke yize ivya kahise,yokwigera avuga ko ishengero ryatanguye mu gihe ca Maritino Luteri, caWesileyi, mu gihe ca Katolika, canke mu kindi gihe cose. Ishengero ryatangujweku musi wa Pentekote. Yari intango. Kandi, iyo muharira n'uwo ari we wese, nimugume kuri urwo rugi rwo ku musi Pentekote kandi nta na hamwe handibazoshobora kuja.

36 Ni nk'igihe mushiraurukwavu mu buragiro. Muba muzi ahariumwobo hose. Muca muyizibira yose, ruzotegerezwa kugarukana ha handi rwinjiriraubwa mbere.

Ni uko.Uko ni kwo mutegerezwa kugaruka ku ntango, ku nkomoko, iyo umuntu ariko aravugaku mashengero n'ibihe vy'amashengero bo n'ibikorwa vya Mpwemu Yera. Mukwiyekugaruka harya, kuko Imana itagira iherezo, kandi ikaba ishobora vyose ; korero itagira iherezo, ntishobora gukora ikintu ngaha maze ngo ice ikoraikinyuranye n'ica mbere harya. Itegerezwa kwama ikora nk'uko yakoze ubwa mbere.

Nk'ukoPetero yavuze, wa musi abanyamahanga bahabwa Mpwemu Yera, ati : « Mbega hari uwoshobora kwima amazi abahaweMpwemu Yera nkatwe, ngo ntibabatizwe ?»

Igihe Yesuyari kw'isi, yavuze "Bi…"

Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»

37 Yesuarishura ati : « Uwaremye umugabo ni na we yaremye umugore; ni co gitumaumugabo azosiga... »

Baca bavugabati : «Yamara Mose yaraduhaye icete co kuvavanura.»

Ariko Yesuyaciye avuga ati : «Uhereye ubwa mbere hose ntivyari bimeze birtyo.»

Nimusubirekw'itanguriro. Gurtyo rero namba tuvuga ku gihe c'Ishengero, dutegerezwakugaruka kw'itanguriro, tukarekera ku ruhande ivyo abantu bavuze vyose ukoibihe vyagiye bikurikirana.

38 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ni coGitabo cemejwe kurusha ibindi vyose vyo muri Bibiliya. Ni co Gitabo conyeneKristo yadomyeko ikidodo. Gitangurana n'umugisha, kigaherahezwa n'umuvumo: «Hahirwa usoma kandi aravumwe uwukurako ikintu co muri iki Gitabo. »

Muri Bibiliya yose, ni co Gitabo conyene Kristo yiyandikiye ubwiwe. VyaVyagezwe cumi vyanditswe n'intoke ziwe, ni ivy'ukuri ; Abayuda ni vyobishimikije. Uyu musi naho ni Ivyahishuriwe Yohana.

Ni hababahari Igitabo co muri Bibiliya Satani yanka, ni Ivyahishuriwe Yohana. ArankaIvyanditswe vyose uko bingana. Ariko hariho ibintu bibiri yanka rwose, niIvyahishuriwe Yohana hamwe n'Itanguriro, kuko Itanguriro rivuga intango mazeIvyahishuriwe Yohana bigahishura ibizoshika ku musi w'imperuka. Azobohwa imyakaigihumbi. Hanyuma y'ivyo, we, wa muvugishwa w'ibinyoma hamwe na ca gikokobazotabwa babona muri ca kiyaga caka umuriro n'amazuku.

Ni cogituma ashima kurwanya Igitabo c'Itanguriro mu guteza gukekeranya ku kurikwaco. Azovuga ati : «Ico gitabo si ic'ukuri», maze adurumbanye imitimay'abantu. Nimwihweze ingene umurwanizi afata ivyo bitabo. Ic'Itanguriron'ic'Ivyahishuriwe Yohana, ica mbere n'ica nyuma.

39 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Igitaboc'Ivyahishuriwe Yohana kirimwo ibigereranyo vyinshi kurusha ibindi bitabo vyomuri Bibiliya. Kirimwo vyinshi kuko ari igitabo c'ivyavugishijwe. Ni igitaboc'Ivyavugishijwe. Ni nako rero gitegerezwa gutahurwa n'abageneweivyavugishijwe. Iki gitabo nticerekeye bose. Mu vy'ukuri nta n'umwe yashoborakugitahura. Iki gitabo candikiwe umuce kanaka w'abantu. Mu Gusubira muVyagezwe, handitswe ngo : « Ibikiriamabanga n'ivy'Uhoraho.» Ni ivy'ukuri. Kandi ivyo bintu bihishije acaabihishurira twebwe, abana biwe.

Ab'inyaman'amaraso ntibashobora gutahura ivyo bintu vy'ubwiza vyo mu Vyanditswe, kukoari ubupfu kuri bo. Ariko abakunda Ijambo ry'Imana, Ishengero, ni bo ico Gitabocandikiwe. «Uguhishura kwa Yesu Kristokw'ishengero ry'i Efeso, kw'ishengero ry'i Simuruna, gurtyo gurtyo ukoamashengero yagiye akurikirana.» Uguhishura kwa Yesu Kristo kw'ishengero. Ivyo ndabikunda!

40 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose?» Kandiitegereze ingene ari n'ugushitswa kw'Ivyanditswe, ugushitswa gukwiye. Kandicashizwe ahantu nyaho, ku mpera ya Bibiliya. Ku bijanye n'ikibanza caco,Ivyahishuriwe Yohana kiri ku mpera, hakaba umugisha ku wusoma kandi akumva bon'umuvumo ku wongerako canke agakurako. Ni icitegererezo gikwiye c'Ivyanditswe.Oh, ni Icishimikizo! Nta na kimwe co kwongerako. Kandi iyo umuntu ageragejegukuramwo canke kwongerako ikintu ico ari co cose, Imana ivuga ko izokuraumugabane wiwe mu Gitabo c'Ubugingo. Murabibona? Niyakurako, Imana izokuraumugabane wiwe muri ca Gitabo.

Ni cogituma, iyo tubona ukwihishura kuri mu buryo bwinshi kw'Umwami wacu, uwo ariwe, ico ari, ni hagira uwongera ikintu kuri ivyo, canke agakurako ico ari cocose, ivyo avugishijwe biba ari ibinyoma. Benshi barageragageje kuvuga yukobaronse ikintu ciyongera kuri ivyo. Yamara ibi ni Uguhishura gukwiye kw'UmwamiYesu mu bihe vy'Ishengero ryiwe bo no mu musi wiwe. Uguhishura kw'Umwami wacu!

Nkako,ijambo ry'ikigiriki risigura guhishura, rishaka kuvuga ko ikintu caricaranyegejwe gihishuwe ni—ni Uguhishurwa kwa Kristo.

41 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ubu rero,twihweze umurongo wa kabiri.

Umurongowa mbere ni Ugushirwa ahabona kwa Kristo. Uguhishura, canke ugushira ahabona.Yo ! Ese ingene igihe ca nyuma hamwe n'Ukuza kw'Umwami vyahishijwe intumwa!Barabajije ico kibazo ariko umwe wenyene ni we yaramvye gushika aronke ukwoguhishurirwa, kandi naho nyene ntiyatahuye, kuko bitari bwabe.

Rerokahise k'ico Gitabo, canke i -ibivugwa muri ico Gitabo, vyari bigeneweamashengero yo muri Asiya Ntoya, yariho muri ico gihe. Cari kigenewe ayomashengero ndwi. Muri ico gihe nta yandi mashengero arenga ayo ndwi yariho,ariko akaranga ka rimwe rimwe muri ayo mashengero kari gahuye n'akarangak'igihe c'ishengero bisangiye izina. Nk'akarorero, Efeso ryari rifiseikiriranga kanaka. Simuruna, Perugamo, n'ayandi yose, rimwe rimwe muri ayomashengero ryari rifise muri ryo ikiriranga cokwongeye guseruka mu bihe bizoza.

42 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Bigendagute ngo bamwe babonekugushitswakwokw'Ivyanditswe kwo -kwo mu buryo bw'impwemu,maze bagahakana ko vyahumetswe? Ibikorwa vyanyu ubwavyo, ibibasunika ubwavyo,n'intumbero z'abantu, vyose vyerekana ko Ivyanditswe vyahumetswe n'Imana.Uravye ingene Imana ishitsa ivyo bintu…Gusa ico mukora, ngaha kiba ariikigereranyo c'ikintu kanaka.

Dufashenk'akarorero Aburahamu ariko aratangakw'ikimazi Isaka, umwana wiwe w'ikinege :ng'ico ikigereranyo c'Imana iriko iratanga Umwana wayo, hashize imyaka amajanan'iyindi. Igihe Yosefu yagurishwa maze agashirwa mw'ibohero, yanswe na bene seariko agakundwa na se : ni ikigereranyo ca Yesu ! Turashobora kubona ingeneMpwemu yakoze aciye muri Yosefu, umuntu asanzwe, agereranya neza na nezaubuzima bwa Kristo. Igihe Dawidi yashiburwa ari Umwami maze akaduga ku musozi,Umusozi wa Elayono araba inyuma, yararize nk'umwami yanswe. Haciye imyakaamajana ivyo bibaye, Umwana wa Dawidi yaduze ka gasozi nyene nk'Umwami yanswearirira Yerusalemu. Mpwemu yagaragaye mu kigereranyo bo no mu c'ukuri.

43 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Yo!Murashobora kubona ishengero rinini ry'abapentekote ryo muri ibi bihevy'iherezo ? Murashobora kubona ingene Imana yaritanguje ku musi wa Pentekote?Iyo mpwemu yari gutegerezwa kuguma mw'Ishengero uko ibihe vyakurikiranye.

Arikobaciye baba abantu bakorera ku migenzo y'abantu kandi ata co bitayeho. Bashakaidini. Bashaka

guhuza ishengero na Leta, kandi uburuhiro barabikoze, bicabikwega uruhamo rwamaze imyaka amajana n'amajana. Hanyuma haje uguhinduraukundi gusha ivy'ugusenga, maze baca barasohoka… yamara buri mwaka, bakurahoivya Mpwemu maze bakongerako ivy'umubiri ; bakaja kure y'ivya Mpwemu mazebakongerako ivy'umubiri, kugeza ubu aho biteguye kwongera kubikora. Turi mumisi ya nyuma y'iherezo, isozerwa ry'Ishengero. Turi mu gihe c'Ishengero ryaLawodikiya.

44 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ni uko.Umurongo wa mbere w'igice ca mbere washikirijwe Yohana. Ariko umwanditsi ni nde? Yohana ? Si Uguhishura kwa Yohana, turazi ko kutari ukwiwe kuko kwariUguhishura kw'Umwami Yesu Krsito. Yohana yari yatowe nk'umwigishwa. KandiIgitabo ubwaco kirabitwereka, ni Yesu Kristo ahishurwa.

«… agatuma umumarayika wiwe akabimenyeshaumugurano wiwe Yohana ». Ntituzi uwo mumarayika uwo ari we. Bibiliyantitubwira uwo mumarayika uwo ari we. Ariko turazi ko yari Uwuvugishwa n'Imana,kuko hirya, Bibiliya ivuga ngo : «JeweYesu ntumye umumarayika wanje gushingira intahe mwebwe ivyo bitegerezwa kuza vuba. »

45 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Hanyumaturabona ko igihe Yohana yatangura gusenga uwo mumarayika, umumarayika yaciyeavuga ati : « Oya sigaho » NiIvyahishuwe 22. Kandi avuga ati : « Ndiumugurano mugenzawe, kandi ndi mugenzi wa bene So, abavugishwa n'Imana.»Yari gushobora kuba ari Eliya. Yari gushobora kuba ari umwe mu bavugishwan'Imana… Yohana yari intumwa, ariko uwo muwuvugishwa n'Imana yaratumwe.

Kandi koYohana yari intumwa… itegereze akaranga k'ibindi vyete vyiwe ; ni ikimenyamenyac'uko atari Yohana yanditse Ivyahishuriwe, kuko bitanditswe mu buryo Yohanayandika. Fate I Yohana na II Yohana n'ibindi maze mubisome. Nimwihweze akarangakavyo, muce mwihweza akaranga k'Ivyahishuwe. Yohana yarandika kandi yariintumwa, ariko ngaha ni impwemu y'uwuvugishwa n'Imana. Ni uwundi muntu.Murabibona ? Ntivyari ivyanditswe na Yohana, ntikwari uguhishura kwa Yohana,kwari uguhishura Yesu Kristo Imana yahaye amashengero. Ico Yohana yakora gusa kwariukwandika, Igitabo ni co kibivuga.

Ariko,ivyo ntivyari vyandikiwe Yohana. Vyari vyandikiwe Ishengero. Yohana, muri ico gihe yari umwungere w'Ishengero ry'iEfeso. Ico Gitabo rero candikiwe Ishengero nticandikiwe Yohana.

46 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ubu rekadusome umurongo wa gatatu ; avuga imigisha. Nimwumvirize :

Hahirwa usoma, hahirwa n'abumva amajamboy'ukwuvugishwa n'Imana bakitondera Ivyanditswe muri yo : kuko igihe kiri hafi.

Ico gihe kiri hafi ni ikihe ? Ni igihe co gushika kw'ivyo bintu, aho ukuGuhishura kwa Yesu Kristo guherahezwa mu gihe cose c'ishengero.

Ng'ikiigituma ivyo yavyanditse muri ubwo buryo. Bari barindiriye ukuza kwiwe... IyoYohana yari kuronka uguhishurirwa ko Yesu azoza ibihe vy'ishengero birangiye...Ni vyo Yohana yibaza. Iyo abimenya, iyo yahishurirwa yuko hazobaho ibihebirebire ndwi vy'Ishengero, canke imyaka amajana n'amajana, aho rero ntacarikubatuma barindira, bari kubaho mu gihe cabo gusa.

Ni co gituma Imana yavuze, maze ivyo ntibabihishurirwa. Maritino Luterintiyahishuriwe ibintu John Wesileyi yabonye mu Vyanditswe. Ababatistentibaronse ivyo abapentekote bazi mu Vyanditswe. Kuko ari mu kindi gihe, ikindigihe; kandi Imana iriko irahishura ivyo bintu neza na neza mu gihe cavyo. Oh!

Yo! Ntimushobora gutera urugano mu mpeshi ngo muce murwimbura ubwo nyene. Murateraurubuto maze rugakura gushika rweze. Imana irabiba Ijambo ryayo, maze na ryorigakura gushika ku gushitswa kwaryo; ico gihe duca turaba inyuma maze tukavugaduti :

«Vyari vyo koko! » Ego, ntankeka, turitahura rimaze guhishurwa.

47 Hari umuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ubu rero : « Hahirwa » Mw'Ijamboharavugwamwo imigisha, umurongo wa gatatu, ku basoma canke abumva amabangayayo."

Bigira…Iciyumviro c'umubiri kirahunga Ijambo, kuko ata na kimwe kiriziko.Ntibitangaje kubona iciyumviro c'umubiri kitarizi, kuko Satani ari we ari muriico ciyumviro c'umubiri; Satani arashirwa ahabona, kandi Satani ntashakagushirwa ahabona!

Mbegamurabona ingene Satani bimutera ubwoba iyo yiyumviriye yuko ahava ashirwaahabona? Nimwihweze mu gikorane ingene abantu baca bifata. Ivyo murashoborakubibona mu bikorane vyanje. Neza na neza imbere y'uko Satani ashirwa ahabonaku bantu bamwe bamwe, muzobona mu maso habo hahinduka. Ntibaba bazi ico bovyiyumvirako. Ubwo nyene,Mpwemu Yera aca amanuka agashira ahabona iyo dayimoni. Yo! Ese ingene yankaibikorane bene ivyo! Ni co gituma dufise intambara nk'iyo kuko Ijambo ry'Imanarishira ahabona Satani. Murabona, riratubwira uwo ari we.

48 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose?» Nk'akarorero,muvuze muhumekewe na Mpwemu Yera muti : «Urya mugore yicaye harya, izina ryiweni Umupfasoni "Jones". Avaahantu kanaka ». Ivyo bituma haba iki? Ivyo bica bikora ku mutima wiwe mazebikawushira mu kibanza kanaka.

« Unzihe? Uwo muntu ntanzi : irinda kuba ari impwemu kanaka! Iyoni impwemu ki?»

« Ni Mpwemu w'Imana »

« Ee, ni vyo? N'ikikitagenda neza muri jewe? »

O « Urarwayeigituntu, kanseri, » ivyo ari vyo vyose « ariko, UKU NI KO UHORAHO

AGIZE... »

"Oh!" Oh, Ese ingene Satani yanka ivyo! Kukoaba ashirwa ahagaragara.

Arikoiciyumviro c'umubiri gikomeza kwitegereza kivuga ngo : «Ukwo ni ugusomaivyiyumviro! Ni ukuragura...!» Ntavyo bazi. Kuri bo ni ubupfu.

Ariko kubazi ivyo ari vyo, yo, mbega umugisha! Mbega ni iki? Niuguhishurirwa. Uguhishurirwa kuvuye kuri nde? Ku muntu ariko aravuga ubutumwa? Oya! Ahubwo ni ukuvakuri Yesu Kristo muri iki gihe ca nyuma c'Ishengero! Yihishura nk'uko yariyasezeranye ko azobikora. Ni uguhishurirwa. Murabitahura?

Yamara ivyoSatani aravyanka. Yo! Ese ingene avyanka! Aba ashizwe ahabona kandi imigambiyiwe iba igaragajwe. Satani aranka uguhishurwa kwo mw'Itanguriro, twavyanditsengaha. Ni ivy'ukuri koko.

Ariko ni kubera ikiyanka uguhishurirwa? Ni kubera ikiarwanya cane Ivyahishuriwe Yohana? Ni kubera urufatiro rwose rw'Ijambo ry'Imanan'Ishengero ry'Imana bihagaze vyukuri ku guhishurirwa.

Ivyontibishobora gukorwa biciye mw'ishure. Amaseminari meza twoba dufise ntacoamaze; aguma kure inyuma mu bihe vyaheze. Bibiliya n'Ishengero ni uguhishurirwagushitse.

Ahandafise Ivyanditswe bimwe bimwe vyo kwishimikiza.

49 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Dukubitize akajisho muriMatayo 16 : 18 kugira ngo turabe ahavugwa uguhishurirwa mu Vyanditswe. Barikobaramanuka bava kuri wa musozi, umurongo wa 17 :

Maze Yesu aramwishura ati : Ur'umuhirwe, Simoni mweneYona, kukw'ata w'inyama n'amaraso yabiguhishuriye, ariko ni Data wo mw'Ijuru.

Nanje ndakubwira… yuk'uri… Petero, kandi kur'urworutare nzorwubakakw'ishengero ryanje, kand'amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.»

50 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ishengerorya Katolika rivuga riti : «Yaryubatse kuri Petero». Vyukuri aho ni iciyumviroc'umubiri. Ntimwoshobora kwibaza ingene uwizera w'impwemu yotahura ibintu muriubwo buryo, ko Imana, n'Umwana wayo bwite ari ho ari, yoshima kwubakiraIshengero ryayo ku muntu ameze nk'abandi, asanzwe, yavukiye mu vyaha. Uwo muntuyarabigaragaje, ubwiwe n'iyo mpwemu imuriko, yaciye atangura kurahira nokwihakana Yesu imbona nkubone. Ntiyari Petero rero.

Cankeigitandara ico ari co cose cari cashizwe harya, nk'uko hariho amadini amwe amweabivuga; nticari igitandara. Kuko Petero...

Igitandarayavuga ngaha nticari Petero canke We nyene ubwiwe.

Abaporotibenshi bagerageza kuvuga bati : « Yari Yesu. Ishengero yaryubatse kuri Wenyene! » Oya! Na vyo nyene si vyo. Mubiravye, ntihari kuri Yesu canke kuriPetero : hari ku guhishurirwa.

«...kuko ata w'inyama n'amaraso yabiguhishuriye,ariko ni Data wo mw'Ijuru ni we yatanzeukwo guhishurirwa.

51 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Nimwitegereze.Ngira ndababaze ikibazo. Mw'itongo rya Edeni, nta

Canditswe na kimwe carikihari. Kandi ba bana b'abahungu babiri Kayini na Abeli, bose bashaka gushikanaibimazi kandi ngo bagire ibakwe imbere y'Imana. Kubw'ivyo Kayini na Abelibarubatse igicaniro. Aho rero, namba ari co conyene Imana yasaba, Imana yoba yararenganijeKayini mu kumucirako iteka. Kayini atanga ikimazi, Abeli agira kuno nyene.Bompi batanga ikimazi. Kayini yarasenze co kimwe na Abeli. Kayini yakoze vyoseneza na neza co kimwe na Abeli.

Nambarero kuja gusenga, kuba umuntu afise ishengero asengeramwo, gutanga ibimazi,gusaba no gusenga Imana, ari vyo vyonyene Imana isaba, aho rero Imana yobayeyararenganije Kayini mu kumucirako iteka ko yakoze neza na neza ivyo yariyamubwiye ngo akore.

52 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Arikomurabona, Abeli, abihishuriwe, yaramenye yuko ivyamwa atari vyo vyatumyebirukanwa mw'itongo rya Edeni, nk'uko abaganzwa n'ivyiyumviro vy'umubiri benshibavyibaza uyu musi. Kayini yashikanye ivyeze muri ico gihugu, kuko yibaza yukoari vyo vyatumye birukanwa mw'itongo rya Edeni. Nimwihweze ukwo guhishurirwa.Raba ingene kudahuje n'Ijambo. Murabe inabi bizana muri iki gihe. Ariko icamwasi co cari catumye birukanwa. Eva ntiyigeze arya ipome! Oya na mba! Vyogendagute ngo abe yariye ipome maze agaca atahura ko yari gusa? Ni ibijanye no guhuzaibitsina. Ni vyo koko!

53 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ni uko. Ivyotuvyinjiyemwo nk'icigwa. Nta Canditswe na kimwe bari bafise.

Bamwe bavugabati : «Yamara yaravuze ati : "Ndonse umuhungu kubw'Uhoraho".» Nta nkeka. Namaraya na we yobivuga, kuko ubugingo bwose buva ku Mana.

Ariko bwari ubugingo bugoretse. Nimwihweze kamere y'uwo mwana w'umuhungu! Yariuwa se, wa murwanizi, akagaragarako ingeso ziwe.

Urwanko, ikibi, ubwicanyi.Murabibona?

Kuvyerekeye Abeli... abavyeyi babo nta nkeka ko bari barababwiye ingene ibitivyama ivyamwa, n'ibindi. Ariko Abeli yahawe uguhishurirwa. Abeli yagiyekurondera umwagazi w'intama kugira ngo aronke amaraso; arawukerera. Nticariigiti cama ivyamwa, cama amapome, imihwi, canke amapware. «Uguhishurirwa naMpwemu ni kwo kwatumye Abeli, » Abaheburayo 11, « ashikanira Imanaikimazi kirushirizaho kuba ciza, hamwe Imana yashingira intahe amashikanwa yiweyuko ari meza kuko ivyo yabihishuriwe kubwo kwizera.»

54 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Ukwo niko Imana yubaka Ishengero ryayo. «Kukoata w'inyama n'amaraso yabiguhishuriye; (ntiwavyize mw'iseminari. Nta hantuna hamwe babikwigishirije). Ariko ni Datawo mw'Ijuru yabiguhishuriye.» Uko ni ko vyose bishingiye kuguhishurirwa, Ishengero ryose uko ringana : « Kuri urwo rutare rwo guhishurirwana Yesu Kristo ni ho nzokwubaka Ishengero ryanje. »

Murashobora gufataivyo pasitori avuga. Murashobora gufata ivyo iseminari yigisha. Murashoboragufata ivyo ishengero rivuga. N'ivyo nyene si vyo. Murashobora kuba mwosiguraibintu mushize amazinda. Ariko igihe cose Imana itazoba irabahishurira ko YesuKristo ari Umwana wayo, kandi ko mwakijijwe biciye mu maraso yiwe... ni kuriuku guhishurirwa, ngo : « Ni

Umukiza wanje! »

« Kur'urwo rutarenzorwubakako Ishengero ryanje kand'amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.»

55 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Gurtyo, murabonaigituma Satani arwanya cane Igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana; Satani ararwanyauguhishurirwa na Mpwemu kwose. Ni co gitumauyu musi arwanya cane ibango ry'igikorwa. Kubera iki? Kuko ari uguhishurwa kwaKristo.

Rekaishengero ribandanye hamwe n'ayo madini ahambaye n'ayo mashirahamwe yaryo, ubwobutumwa bugufi bugufi bwaryo bwo guterana amashurwe n'ibindi vyose, barekebabikore, Satani ntazobadurumbanya. Nta ngorane bafise. Bosebarabashimagiza.

Arikoigihe kirashitse aho Imana, kubwa Mpwemu Yera, yongera guhishura Kristomw'Ishengero mu bushobozi no kugaragaza ugukiza abarwaye, ishitsa ibimenyetsoyavuze ko bizokwama biboneka ku bizera; aho rero Satani azoca avunduruka ahoabunze maze aje kubirwanya. Ivyo bitaraba Satani nta co vyari bimutwaye komwifatanya n'iri shengero canke ririya : ivyo nta co yari abinezweko! Ariko iyoKristo abahishuriye ko ari Umwana w'Imana kandi ko ibikorwa yakoze namwemuzobikora, atari ibindi bikorwa, ariko vya bikorwa nyene...

56 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Yavuzemuri Yohana 14 ati : «Unyizera ibikorwa jewe nkora, na weazobikora, kandi azokora ibibiruta.» Kuko Kristo ntiyari kwigisha umubatizowa Mpwemu Yera ari na co cari ikintu kiruta ibindi. Ntiyari kubibigisha kukoMpwemu Yera atari bwatangwe. Ariko igihe Yesu yatanga Ubugingo bwiwe kw'ikimazimaze Mpwemu Yera akamanuka, ni ho bashoboye kubwira abantu ibibahesha Ubugingobudashira. Ico ni co cari « ikibiruta! »

Kubijanye n'ibimenyetso n'ibitangaza, Yesu yaravuze abitomoye muri Mariko 16, ati: «Mugende muje

mu mahanga yose, mubwire abaremwe bose Ubutumwa bwiza. »Gushika hehe? Mu mahanga yose. Mubwire bangahe? Abaremwe bose! Igihe coseUbutumwa bwiza buzovugwa ivyo bimenyetso bizokwama biboneka ku bizera. Kandi,iyo ivyo bibaye uguhishurirwa, mwene Data, aho rero muba mwegereye Ubwami! «Kur'urwo rutare nzokwubakako Ishengeroryanje, kandi amarembo y'ikuzimu ntazorishobora.»

Kuberako, namba umugabo (canke umugore) yarigeze kuba ari wenyene hagati mu bugaraganka Mose, maze uguhishurirwa kuva ku Mana kukamuzako kuzanywe na Mpwemu Yera.Nta na kimwe cokwongera kumunyiganyiza. Aba yejejwe kandi ashikamye mu buryobushoboka.

Sataniaranka uguhishurirwa. Ntagukunda na gato; kurasenyura imigambi yiwe.

57 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ukuntu iki Gitabo kimezekurerekana yuko atari Yohana yacanditse. Ni ivy'ukuri. Ni we yacanditse arikosi we yagihumetse. Iki Gitabo canditswe gihumetswe n'Imana. Niuko.

Ubu rero turabe icoavuga :

« Hahirwa usoma, hahirwa n'abumva amajambo y'uku kuvugishwa n'Imana, bakitonderaIvyanditswe muri yo: kuko igihe kiri hafi. »

«Igihe kiri hafi.» Igihe ki? Ic'uguhishurwa gushitse kwa Yesu Kristo mu mashengeroyiwe. Kandi mu gihe ibihe bigenda bikurikirana, ivyo bagenda babihishurirwa.

58 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ubu rerotugeze neza na neza kw'iherezo ry'ibihe, kandi vyukuri turi ku muhero w'isi.Turi kw'iherezo ry'isi. Kandi imbere y'uko iyi ndwi irangira, Imana ibaye irikumwe natwe kugira ngo idufashe, tuzokwerekana yuko turi mu gihe co gusozeraibihe vy'Ishengero. Turi mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya, isozera ry'ibihevyose. Turi mu gihe c'isozerwa rya Politike y'iyi si. Turi mu gihe c'iherezorya vyose. Turi kw'iherezo y'ivyaremwe vyose, twiteguriye kwinjira.

59 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Umusiumwe mu gihe nariko ngenda i Shreveport canke ahandi, nariko ndaraba ncandibwira nti : « Ibiti biruma. Ivyatsi biruma, amashurwe ariko aruma. Ndikondegereza gupfa. Isi iriko irashira. Vyose biriko birashira. Vyose muri iyi sibiriko birashira.» Twebwe duhagaze ngaha muri iki gitondo, turiko turegerezagupfa na twebwe!

Ntankeka yuko hariho ahantu ata na kimwe kiriyo gipfa. Namba hariho aho vyosebipfa, hategerezwa kuba hariho ahantu vyose bidapfa. Ico ni co duhahamiye:kugera aho hantu ibiti vyaho bituma. Kuja aho vyose bidapfa kandi bikaguma mubwiza bw'Imana.

60 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Tumazekubona imirongo itatu ya mbere, turashobora kwerekana ibirimwo. Uwa mbere, niUguhishurwa kwa Yesu Kristo. Uwa kabiri utwereka yuko Yohana yaguhawen'Umumarayika. Uwa gatatu na wo ni : « Hahirwa...»,umugisha ku basoma. Kandi namba mudashoboye gusoma murashobora kwumviriza. Nico kimwe! « Hahirwa usoma » kandi nimwaba mudashoboye gusoma : « Hahirwauwumva, kukw'igihe kiri hafi. »

Ubu rero turabe inzira twokurikiza kugira dutahure insiguro y'ivyo Yohana,uwanditse ibi, yashatse kuvuga mu kuvuga ku migisha n'ibindi. Ndizera yukomw'isezerano rya kera umuherezi yahaguruka buri gitondo maze agasomaIvyanditswe. Ishengero rikumviriza. Benshi ntibari bazi gusoma. Ni co gitumahavugwa ngo : «Hahirwa usoma, hahirwa n'abumva.» Murabona,hariho uwusoma hakaba n'abumviriza. Uwusoma n'abumviriza barahiriwe. Ni ukorero mwumvirije gusa, murahezagirwa. « Hahirwauwumva, kukw'igihe kiri hafi. »

61 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Aharero, imirongo ya 4 gushika ku wa 6 ivuga indamukanyo kw'ishengero. Kanditugira twige kuri iyi mirongo kuva ku wa 4 gushika ku wa 6.

Imbereyo kuyigako, nifuza yuko umwe wese agerageza kwiyumvira. Ni ibiki? Niuguhishura kwa Yesu Kristo aho Imana ihishura ibihe bizoza. Ni ibihe (ibihevy'ishengero, ibizoba) Yesu atari gushobora kubona igihe yari akiri kw'isi.Gurtyo rero Imana yafashe ca gihuzu iragikura ica irareka Yohana ngo arabe mazeabone ico igihe cose kizokora, kugira ngo acandike mu Gitabo kirungikirweamashengero ndwi.

Mbega niibiki? Ni Kristo ahishuwe mu misi y'igikorwa ciwe. Ni Igitabo cuzuyemwoibikorwa! Kandi ni Igitabo c'Ivyavugishijwe Imana yaduhaye ibicishije kumumarayika wayo; canditswe na Yohana, kandi kiba umugisha ku wugisoma wesecanke yumviriza abagisoma. Kuko igihe kiri hafi aho ivyo vyose bitegerezwa gushitswa.

62 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ubu rerotwashizeho urufatiro rukomeye. Kandi mwibuke yuko tugumiza ku mutima

Ishengero.Ku ruhande rumwe, Ishengero riratangura; ku rundi, rikarangira. Tuzobivugakovyinshi ku wa mbere ku mugoroba ni twiga ku bihe vy'Ishengero.

«Jewe Yohana ndabandikiye mwebwe abo mu mashengerondwi yo muri Asiya. Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro biva kur'Iyo, iriho,kandi yamyeho, kandi igira ize, biva no ku Mpwemu ndwi zir'imbere y'intebeyayo.»

Ubu rerotugira twinjire mu bice vy'amabanga kandi vy'i bwina vy'ibigereranyo. Ibivyandikiwe amashengero ndwi ari muri Asiya Ntoya. Ayo mashengero yerekana ibihevyari bigiye kuza. Arayashima akayashimagiza kubw'ibikorwa vyayo, bo no ku vyoyakoze. Ariko ivyo vyandikiwe ayo mashengero, amashengero indwi ari muri Asiya Ntoya.

63 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Kandi,Asiya Ntoya ntiyari Asiya yose, igice c'isi ca Asiya. Kari agace kayo gatoyigusa. Ni intara ihakwa kunganya ubwaguke na Pennsylvania canke Indiana; niintara ntoyi gusa yarimwo ayo mashengero. Ico gihe hariho ayandi mashengerouretse ayo. Ariko Ivyahishuwe vyashize ahabona akaranga kayo yari yisangije.Ubu rero ngira ndabasomere ivyo nakuye mu vyo nasomye bijanye na kahise kayo.

« Kandiara…Aravumwe uwumva, canke, uwutavyumvira.»

Kandiubu tugeze ku gihe c'uwo murongo wa kane, uwo tugira tuvugeko ikintu ngaha : « Biva kur'Iyo iriho, kandi yamyeho, kandiigira ize, biva no ku Mpwemu ndwizir'imbere y'intebe yayo » Izo mpwemu turaja kuzivugako mu kanya kariimbere!

Nimwitegereze,ku murongo w'umunani, ingene abwira amashengero ndwi. Avuga ngo : « ... Iriho, kandi yamyeho, kandi igiraize...» Yamyeho kera, kandi iriho ubu, kandi igira ize. Ngaha, yerekanaukugaragaza igikorwa cayo kiri uburyo butatu.

64 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Ivyoturaja kubigarukako mu kanya gato, ariko ubu rero reka dusome umurongow'umunani

Jewe ndi Alufa na Omega, niko Umwami Imana igize,iriho, kandi yamyeho, kandi igira ize, ni yo ishobora vyose.

Ntidukureamaso ku murongo wa kane n'uwa gatandatu, irasa. Imbere ya vyose, avuga ati : «... iriho, kandi yamyeho, kandi igiraize... » Ariko agerageza gushira iki imbere y'Ishengero? Ubumana bwiwe!Muri kino gihe bagerageza kumugira Uwuvugishwa n'Imana. Aruta uwuvugishwan'Imana. Kandi bamwe bagerageza kumugira imana zitatu. Ntarimwo imana zitatu.We ni Imana imwe yiyerekanye mu bikorwa bitatu, ukwiyerekana gutatu kw'Imanaimwe.

65 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Kandimwibuke yuko ibi biri mu Vyahishuriwe Yohana, ni ukuvuga «Uguhishurirwa »: «uwumva maze ntiyitondere amajambo yomuri iki gitabo, umugabane wiwe uzokurwa ku Giti c'Ubugingo.» Yesu ntiyihishurank'imana zitatu, ariko yihishura nk'Imana imwe rudende mu bikorwa bitatu. Yo!Turaja kuronka ivyo kurya birimwo ingaburo ikwiye, nitwinjira muri ivyo bihevy'Ishengero maze tukabona ingene ivyo babitakaje. Ico catumye habaugutandukana gukomeye muri ya Nama nkuru y'i Nikaya. Iyo migwi ibiriyatandukanye itumvikanye.

Ico nico bakoze no muri kino gihe cacu nk'aho yoba ari iyindi Nama Nkuru y'i Nikaya,kuko hazobaho iyindi! Nk'uko ntakekeranya ko mpagaze hano, ni ko ntakekeranyako amashengero ya Katolika n'ay'abaporoti azogira ico ashize hamwe kandi agireico ahuriyeko. Rabe ibiriko biraba ku mwungere mukuru w'i Canterbury. Barikobarakoranira mu kintu kimwe. Yamara muri Bibiliya ntiharimwo inyigisho ivuga kuMana igizwe na zitatu. Hari Imana imwegusa.

Ivyanditswevyose uko biri vyemerezwa mu guhishura kwo mu gitabo c'Ivyahishuriwe Yohana,kandi Kristo yagishizeko ikidodo ciwe. Ni ivyo. Umuntu niyongerako cankeagakurako, uko nyene ni ko umugabane wiwe uzokurwa ku Giti c'Ubugingo. Gurtyo,ibi tuvyegere tudafise imitima ibiri, ariko dufise umutima n'umushaha bikeye.

66 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Muri yaNama nkuru y'i Nikaya, barapfunditse ingingo zibiri zihambaye. Oh, benshi mubasaza bo mw'Ishengero rya mbere bari bafise ivyiyumviro bihushanye. Kimwe murivyo cari uko hariho Imana irimwo zitatu, iri mu butatu. Ikindi na co cari ukohariho Imana imwe rudende. Kandi vyose uko ari bibiri bitanguye vyaciye bigiraamashami abiri atandukanye nk'uku : Ubutatu bwaciye buhinduka Imana iri mubaperesona batatu; «aba - oneness »bacitse abanyabumwe; ivyo vyiyumviro uko ari bibiri binganya kuba ibinyoma.Gurtyo ayo mashami uko ari abiri rimwe rimwe ryose ryakurikiye inzira yaryo,ariko ngaha, muri ibi, ni ho Ukuri guhishurirwa.

Yesu ntiyoshobora kuba Se wiwe bwite. Iyo yaja kugira Se atari Mpwemu

Yera, yari kuba ari umwanaw'ikivyarwa, atari... yasamwe inda iva kuri Mpwemu Yera kandi yaravuze ko Imanaari Yo Se. Ni ukuvuga rero Mpwemu

Yera bo n'Imana...ivyo birimuri Matayo 1 : 18. Mpwemu Yera bo n'Imana bategerezwa kuba Umwe rudende,bitari uko Yesu yobaye afise ba Se babiri. Kandi yiswe Imanweli, ni ukuvuga ngo: « Imana iri kumwe natwe » Yaravuzeavyeruye, igihe yari hano kw'isi yuko We na Se bari Umwe.

Nimuyengaha imirongo yose yo mu Vyanditswe ijanye n'ivyo kugira ngo mushoborekuyandika, ni twashika kuri ico kibazo.

67 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ngahatumubona agaragara mu gikorwa ciwe kiri uburyo butatu. «Iyamyeho, kandi iriho, kandi igira ize, Ishobora vyose!»Nta mana zitatu zirimwo ngaho; hari Imana imwe gusa.

Igihehaba ya Nama Nkuru y'i Nikaya baciye bikorera ubutatu, kuko mu Buroma harihoimana nyinshi. Basenga ba sekuruza babo. Ndafise ivya kahise kabo imbere yanjekandi noshobora kubasomeramwo vyinshi. Basenga ba sekuruza babo, ni co gitumabafise umweranda Sisiliya, umweranda Mariko, umweranda, umweranda, umweranda,umweranda, umweranda,...

Intumwa Petero yaravuze neza iti : « Kuko har'Imana imwe, kandi hari umuhuzaumwe w'Imana n'abantu, na we nyene n'umuntu, ni Kristo Yesu.»

68 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Arikobari bakeneye Imana y'ubutatu… Bari bafise za Jupiter, Mars,Venus ; kandi

«ntivyari bikwiyekuzigira Imana imwe», gurtyo baciye bayigabura, baca bahindura igikorwa c'Imanakiri Uburyo butatu mu mana zitatu zitandukanye.»

Ariko ngaha muVyahishuriwe Yohana abivuga abitomoye ko ari : «Ndi Iyamyeho, iriho, kandi igira ize, kandi Ishobora vyose !» Ndi Alufa na Omega, niukuvuga kuva kuri A gushika kuri Z mu ndome z'ikigiriki zose. Ikirungu co mubiyaya, Ishurwe ry'i Sharoni, Data, Umwana, Mpwemu Yera. Iyamyeho, Iriho, kandiigira ize, Umunago wo ku Gishitsi ca Dawidi. » Ni We Mana. Imana hamwe na... ITimoteyo 3 : 16 «Nta wuhakana yuko ibanga ryo kwubahaImana ridahambaye cane, n'iri : Umwe yerekanywe afise umubiri, … akabonwa n'abamarayika,… akizererwa mw'isi,… akaduzwa agahabwa ubwiza.» Imana!Atari umuperesona agira gatatu canke uwuvugishwa n'Imana, ariko ni Imana ubwayoyagaragaye mu mero y'umuntu! Ariko ibi ni uguhishurirwa, muvyibuke!

69 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Imana, mbere nambere, yari Yehova ahambaye yari mu Nkingi y'Umuriro, hejuru y'Abisirayeli, mazeikabarongora. Yari Imana, Umumarayika w'Isezerano. Yaramanutse ku musozi, maze umusozi wose uratongoka;umuriro urakwira ku musozi wose maze vya Vyagezwe cumi birandikwa. Abana bayo,ubwoko bwayo bwatoranijwe, ari bo Bayuda, bayita : «Data wa twese ahoraho».

Hanyuma, iyo Mananyene yagaragaye mu mubiri wavyawe n'inkumi, umubiri yaremye mu nda ya Mariya.Mu yandi majambo, twovuga ko yashanje ihema ryayo, maze iraza ibana n'abantu.Kandi iyo Mana nyene yihaye umubiri iba hagati muri twebwe; Bibiliya ni yoibivuga ngo : «Imana yari muri Kristo.»Umubiri wari Yesu. Muri Yesu ni ho hariho ukunengesera kw'Ubumana kwose.Kubw'ivyo ntimushobora kuyigira abaperesona batatu. Ntimubatize mu mazinay'imana zitatu, kuko hari Imana imwe gusa. Murabibona? Imana imwe rudende.

70 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Gurtyo, iyo Mana nyene yambaye umubiri.

Aravuga ati:«Navuye ku Mana kandi nzosubira kuMana.»

Amazekuva kw'isi (biciye mu rupfu rwiwe, mu guhambwa kwiwe, mu kuzuka kwiwe no mukuduga mw'Ijuru kwiwe) Paulo yahuye na We mu nzira ija i Damasiko, mu gihe yariacitwa Sauli, maze haca humvikana ijwi rivuga riti : « Sauli, Sauli, umpigira iki?»

Paulo arabaza ati : «Uri nde? »

Arishura ati : «Ndi Yesu »

Yari Inkingiy'Umuriro, Umuco wahumishije amaso y'iyo ntumwa. Yari yasubiye kuba ico yahozeari. Uwo Yesu nyene yari yasubiye kuba Imana Data. Ni co gituma avuga ati : « Ndi Ishobora vyose.» Ya mero nyene yariafise imbere yuko yambara umubiri. Kandi umubiri yabayemwo wiswe «Yesu », wa muntu tuzi, Yesu.

71 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo

ari yo yose ?»Aho niho benshi muri mwebwe, Aba- «Oneness» “'Izina rya Yesu!” Uyumusi mw'isi hari ba Yesu amajana n'amajana, ariko hari Umwami Yesu Kristo umwegusa! Yavutse ari Kristo. Maze guhura na ba Yesu benshi. Ariko hari Umwami YesuKristo umwe; ni We Mana.

Kandi Data, Mwana naMpwemu Yera si amazina, ni amatazirano y'Izina rimwe. Muvuga muti : «Ndakubatije mw'Izina rya Data, iry'Umwana n'Irya Mpwemu Yera. » Data si izina,Mwana si izina, na Mpwemu Yera si izina; ni amatazirano nk'uko «umuntu»risigura ico turi. Mpwemu Yera, ni impwemu, Impwemu Yera. Bavuga bati : « Mw'izinarya Data. » Rabe ba data, n'abana b'abana banyu. Nimwibuke abo bantu bose bongaha. Mbega murabitahura? Data, Mwana, Mpwemu Yera, si amazina. Ni amataziranoaherekeza Izina ry'Umwami Yesu Kristo.

72 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Uko ni ko Ishengerory'intumwa ryabatiza mu ntango. Kandi ndasaba ko hogira uwuzana imirongo yo muVyanditswe canke akarorero ko muri kahise, k'umuntu yabatijwe mw'Ishengerory'Abakristo, akabatizwa ukundi atari mw'Izina rya Yesu Kristo, imbere y'ukoishengero rya Katolika rishirwaho maze rigashinga nemera ya «Data, Mwana naMutima Mweranda!» Nimufate ibitabo vyanyu vya kahise, nta na kimwe gisa n'icomuzosangayo. Mu mwaka wa 304 inyuma ya Yesu Kristo ni ho haza umubatizow'ubutatu, mu Mana irimwo abaperesona batatu : « Imana Data, Imana Mwana, ImanaMpwemu Yera », kandi ni ubupagani!

Imbere y'ukorino yinga rirangira, nzoba nabasomeye ivyo nakuye muri ivyo bitabo, kandinzoba naberetse ivyo bintu nkoresheje Bibiliya. Muri kino gitondo, turavuga kuVyahishuriwe Yohana kandi twerekane aho ivyo vyatanguriye, bo n'ingene ivyovyatanguye kubaho. Bene Data tugaruke ku Kuri kuko turi mu gihe ca nyuma!

Rindira dushikireiryo shengero rya Efeso maze turigereranye n'irya Lawodikiya, twihweza ivyabayemu yandi ari hagati y'ayo abiri. Muzobonaingene ico kintu cinyegeteje. Tuzoshikira igihe ca Luteri kivugwako ngo : «..., k'uvuga k'uri muzimaarik'ur'uwapfuye. »

Ijambo Sarudi ubwaryorisigura «Urupfu ». Mu myaka nka 1500 ibihe vy'umwiza vyamaze, barabishe.Ishengero rimwe ryose muri ayo ryarabizigamye gushika kw'iherezo. Muri ya Namankuru y'i Nikaya bakuyeho iryo Zina baca bashiraho imana zitatu.

73 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Ngahaaravuga ati : « Ndi iyamyeho, iriho,kandi igira ize, kandi Ishobora vyose! »

Kokoyari afise imero iri uburyo butatu igihe yari kw'isi. Igihe yari kw'isi yariarimwo ibi bitatu : kw'isi yari Uwuvugishwa n'Imana. Mw'Ijuru naho niUmuherezi. Kandi ni yagaruka kw'isi azoba ari Umwami. Uwuvugishwa n'Imana,Umuherezi n'Umwami; Uwamyeho, ariho kandi agira aze. «Iyamyeho», yari Yesu nk'Uwuvugishwa n'Imana. «Iriho», ni Umuhereziashikana ibimazi vyo mu buryo bw'impwemu, Umuherezi mukuru ashobora kubabaranana twe mu ntege nke zacu kandi yihishura akerekana ko ari hagati yacu. » Uwuvugishwa n'Imana, Umuherezi,n'Umwami; ariko ni Imana imwe.

74 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Igiheyari kuri iyi si, yari uwuvugishwa n'Imana, yari Jambo; «icabona co kwizigirwa » nk'uko Bibiliya imwitahirya gato; Uwuvugishwa n'Imana ni icabona co kwizigirwa. Ubu rero niUmuherezi. Kandi igihe azozira azoba ari Umwami.

Hamwe mwobandanyamugashika kure murashobora kubibona mu Vyahishuriwe Yohana 15 : 3. Dusometurabe ko azoba ari Umwami igihe azogarukira.

«Baririmba indirimbo ya Mose, umusavyi w'Imana, n'indirimbo ya wa Mwagazi,bat'Ibikorwa vyawe birahambaye kandibiratangaza, Mwami Mana ushobora vyose; inzira zawe n'iz'ukugororoka n'ukuri, Mwami w'abera. »

75 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Kw'isiyari iki? Uwuvugishwa n'Imana! Abantu bamenye bate ko yari uwuvugishwa n'Imana? Kuko yashikije ikimenyetso ca Mesiya, nawe akaba yategerezwa kuba ari Uwuvugishwan'Imana. Oh, Izina ry'Umwami rihezagirwe! Baretse kumumenya bate? Kuko baribiteze ikindi kintu. Kandi We yarakoze ikimenyetso ca Mesiya, ariko na bo bankakumwumviriza. Yari Uwuvugishwa n'Imana.

Moseyari yaravuze ati : «Uhoraho Imana yanyuazo bahagurukiriza Uwuvugishwa na We mu b'i wanyu ameze nkanje, Kand'umuntuwese atazokwumvira uno avugishwa n'Imana, azorandurwa mu bantu. »

Kuri iyisi yari Uwuvugishwa n'Imana; kuko yari iki? « Icabona co kwizigirwa c'Ijambo ry'Imana. » Amen! Yari Ijambo ry'Imana ryagaragaye.

Yohana,igice ca mbere havuga ngo :

Ubwa mbere na mbere Jambo yariho; kandi Jamboyar'Imana. ... Kand'uwo Jambo yihaye umubiri

abana natwe.

Yariicabona co kwizigirwa kandi c'ukuri c'Ijambo ry'Imana rihoraho. Yari Jambo,Jambo w'Imana; kandi nka Jambo, yari Uwuvugishwa n'Imana. Kuko Ijambo ry'Imanaryavugana na We. Nta kundi yari kuvuga atari uku, ngo... «Nta na kimwe nshobora gukora ndacigeneye, nta na kimwe nkora Dataatanyeretse. Si

Jewe nkora ibikorwa. Ariko Data aba muri Jewe ni we ashitsaivyo bikorwa. Jewe na Data turi umwe. Data ari muri Jewe»; ni ko Yesuyavuze. - «Jewe, umuntu, urusengero.»

76 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Imanaifise amatazirano menshi : Yehova, Yehova-Yiré, Yehova-Rafa... Oh, ni menshi!Ifise amazina ndwi y'ubucunguzi arimwo abiri abiri. Ifise amatazirano menshi,Ishurwe ry'i Sharoni, Ikirungu co mu biyaya, Ikinyenyeri co mu Gaturuturu;Data, Mwana, Mpwemu Yera, n'ayandi; ariko ifise Izina rimwe ry'Umuntu. Imanaifise IZINA rimwe gusa, kandi ni UMWAMI YESU KRISTO.

IgiheKristo Umwami yavuka, hashize imisi umunani, Mpwemu Yera yaciye amwita «Yesu». Nyina yaramukebesheje, mazeMpwemu Yera aca amwita «Yesu».Yavutse ari Kristo.

Nk'ukojewe navutse ndi Branham. Nari umu Branham igihe navuka maze nca mpabwa izinarya William.

Amen!Kandi yavutse ari Kristo Umukiza, kandi akwije imisi umunani yaciye yitwa Yesu.Yari Umwami w'Ubwiza yigaragaje, ni co gituma ari Umwami Yesu Kristo : Imanay'Ubwiza yagaragaye hagati muri twebwe. Oh, ni kwo iri!

77 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Kuri iyisi yari Uwuvugishwa n'Imana; mu Bwiza ni Umuherezi; agarutse azoba ari Umwami. Oh,ivyo ndabikunda!

Uwuvugishwan'Imana, «icabona co kwizigirwa c'Ijambo».

Umuherezi,ashikana «Amaraso yiwe bwite imbere y'Imana».

Umwami,«Umwami w'abera». Si umwami w'isi; We ni Umwami w'abera. Hariho abami bo kw'isi baganza abantu. Arikona twebwe turafise Umwami, bo n'Ubwami. Ni co kidutuma tudakora nk'abandi.

Nk'ukonabivuze, nta gihe kinini kihaciye, nari najanye n'umugore wanje mu mangazini,maze tubona ikintu cari kimeze nk'igitangaro : hari mu gihe co mu ci mazetubona umugore yambaye ikanzu! Naciye mvuga nti : « Birantangaje! Iyo naja kubamfise ca cuma canje gifotora mba mfotoye urya mupfasoni! » Murabitahura? Ni wemugore wa mbere twari tubonye yambaye ijipo. Murazi, yari yambaye nk'ukobibereye umupfasoni. Abagore bose...

Umugorewanje yaciye ambwira ati : «Bill, mbwiraigituma abacu bambara bikwije? Mbega hari itegeko twabiherewe?»

Nishuye nti : « Siabacu, ni abantu b'Imana. Kugiraabantu babe ab'Imana bisaba ko baba bejejwe».

Ati : « None abandintibaja gusenga ? »

Namwishuye nti : «Raba rero umugore aririmba mu mugwi w'Ishengero rimwe rya hano. »

Ati : « None ni kuki akora gurtyo? »

Nca ndamubwira nti :« Kuko ata kundi bamwigishije.» Ni vyo koko!

78 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Hariho iryo shengero ryo mu buryo bwo mu mubiri ari ryo tugiye kuzokwihwezamuri iyi ndwi. Hariho Ishengero ryo mu buryo bw'impwemu hakaba n'ishengero ryomu buryo bw'umubiri. Yose arata inzira agasubira kuba amashengero yashizwehon'abantu. Bibiliya iravuga, mu Vyahishuriwe Yohana 17, ko azobikora. N'ubu nyenneariko arasubirayo, yose ariko arakora gurtyo, akaba amadini maze akavuga ngo :« Turi iki na kiriya.» Turi idini. Turi iki, turi kiriya. Uko si ko vyari muntango, ariko barakuyeho ububasha bwose bw'Ishengero baca babuha umwungere canke umupapa. Imana iri mw'Ishengeroryayo, mu bantu bayo, yigaragaza ubwayo ibicishije mu banyeshengero, n'ahandihose. Yamara uyu musi…

Umugorewanje yarambajije ati : « Mbega none ntituri Abanyamerika? »

Namwishuye nti :«Oya! Turahaba ariko ntituri Abanyamerika. Turi Abakristo, Ubwami bwacu ni ubwomw'Ijuru ».

79 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Kandi namba ubugingobwacu buva mw'Ijuru duca rero dukora nk'abo mw'Ijuru. Ubugingo bwacu buvaAhantu hera ; uko dusa turatandukanye n'ukw'abandi basa, ukuntu twambarantigusa n'ukw'abandi. Umugore wo hejuru afise imishatsi miremire, ntiyisigaamarangi, kandi ntiyambara uduhuzu

tugufi tugufi. Yambara amajipo n'amakanzumaremare, afise n'imishatsi miremire n'ibindi. Uko ni ko kamere yo mw'Ijuruyiyerekanira kuri twebwe.

Abagabo ntibanywaamatabi, canke ngo bayahekenye, ntibabesha kandi ntibiba. Impwemu yabo ivaahantu hera ikabatuma bakora biyeza kandi bakemerana nka bene Se. Murabibona?Ni ivyo.

Turafise Ubwamibwacu, kandi turafise Umwami. Kandi ni Umwami w'Abera. Ijambo« kwera » rivamw'ijambo « kwezwa ». Iyo umuntu yejejwe, Kristo, Mpwemu Yera aca aza akaba mumutima wiwe maze akaba Umwami wiwe. Oh! Vyari bikwiye yuko ibi bibinjiramwo. Oh!Iyo urwavya rwejejwe n'Imana… iyo Kristo Umwami, Mpwemu Yera aje kuba… Umwamiagira ishamvu yiwe. Amen! Kandi impwemu, ubugingo n'umubiri vyanyu biba biganzwan'Umwami w'abera! Ubwami! Ubwami bwose bwo muri iyi si buzonyiganyizwabutabagurwe n'ubushobozi bw'amabombe ruhonyanganda. Yamara Bibiliya ivuga iti:« Turiko duhabwa

Ubwami butanyiganyizwa!» Umwami w'abera…

80 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» Nashaka kandi kubereka ibigereranyovya Kristo muri Bibiliya no kuri ino si. Kuri iyi si yari Uwuvugishwa n'Imana. Muravyizera?Uwuvugishwa n'Imana ni Ijambo. Turabizi. Ijambo uwuvugishwa n'Imana risigura ngo:« Umusiguzi w'ijambo riva ku Mana » Ijambo riva ku Mana riranditse, kandi

Uwuvugishwa n'Imana afiseMpwemu w'Imana muri we. Kandi murabizi yuko Uwuvugishwa n'Imana wo mw'Isezeranorya kera yitwa « imana ». Ni bangahe babizi?

Yesuyavuze ati : «Mbega ntihanditse muVyagezwe vyanyu, ngo Navuze ngo Mur'imana ? None ko yabise imana, bamwe ijambory'Imana ryashitseko (kandi Ivyanditswe ntibishobora guhinduka), mwebge mubwira mute uwo Data yejeje,akamutuma mw'isi, ng'Urarogose, kuko navuze nti Nd'Umwana w'Imana ? »

81 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?»Yitwa«imana», kuko yari afise muri we Ijambo ry'Imana, ari ryo UKU NI KO UHORAHOAGIZE. Ni co gituma ijambo « Uwuvugishwa n'Imana » risigura… Ntibikwiye komuvyongerako iyindi nsobanuro, muratahura? Yavuze iti : « Muri mwebwe ni habonekaumuntu w'impwemu, avugishwa, Jewe Uhoraho nzovugana na we. Ivyo yavuze nivyashika, muze rero mumwumvire; kuko nzoba ndi kumwe nawe. Ariko ivyo nibitashika, ntimuze mumwumvire, nzoba ntamutumye. Uko ni ko muzobimenya ».Murabona, insobanuro y'Ijambo riva ku Mana itegerezwa guhura n'uku guhishurakwa nyuma kwahawe Ishengero.

Ni WeMana, Ishobora vyose. Kuri iyi si yari Uwuvugishwa n'Imana, Inkukuma. Nibangahe bazi ko uwuvugishwa n'Imana agereranywa n'inkona?

82 Hariumuntu yari yaje avuga ati : « Mbega biremewe ko umugabo yirukana umugore wiweku mvo iyo ari yo yose ?» ni yo nyoni dufise irusha izindi gukomera, irusha izindi inkomezi. Amababa yayoashanje arashobora gushitsa nk'imetero zine n'igice z'uburebure. Irashoborakugurukira hejuru cane ku buryo iyindi nyoni igerageje kuyikurikira yocaitabagurika, amubi yayo yoca ayivako maze igatabagurika. Ariko inkukuma yo,iremwe mu buryo yisangije. Kandi vyomarira iki iyo nyoni yindi kugurukira kure,kandi itabona bikwiye? Muhora muvuga ijisho ry'ikinyamwanira, ahubwo ba muvugaijisho ry'inkukuma!

Ikinyamwanirakirashobora kubona umuswi. Ni vyo. Iyo ni yo ngorane iri mu binyamwanira bimwebimwe dufise muri kino gihe. Yamara ndababwira yuko hamwe ikinyamwaniracogerageza gukurikira inkukuma, cokwicwa no kubura impwemu. Ntigishoboragushika mu birere inkukuma ishikamwo.

Arikoinkona irashobora kubona iri mu birere nk'ivyo, iyo iri hariya hejuru! Ni cogituma Imana yita abavugishwa na Yo « inkukuma » Irashika hejuru cane, kandikubera ko ari inkukuma, irashobora kubona kure.

83 Kristo, kuri ino si,yari Inkukuma. Igihe yapfa, yari Umuherezi; ico ni co catumye aba Umwagaziw'intama. Mbega si vyo? Kandi igihe azozira, azoba ari Umwami, ni co gitumaazoba ari Intambwe. Amen! Intambwe yo mu muryango wa Yuda! Amen! We niInkukuma, Umwagazi w'intama akaba n'Intambwe. Amen! Data, Mwana na Mpwemu Yera;uwuvugishwa n'Imana, Umuherezi akaba n'Umwami; Iyamyeho, kandi iriho, kandiigira ize, Ishobora vyose. Alufa na Omega, kuva kw'itanguriro gushikakw'iherezo. Imana ihoraho.

84 Nagomba kubabaza,mwebwe abakatolika, muvuga muti : « Umwana w'Imana ahoraho; Imana, Yesu Kristo,Umwana yahoranye n'Imana.» Mushobora mute kuvuga Ijambo nk'iryo? Ndi umuntu ataco avuze, yize gusa amashure y'intango, ariko ivyo ndabizi kurusha aho.Ijambo « umwana » riserura iciyumviroc'uko afise aho ahera. None yoshobora gute kuba ahoraho kandi ari umwana.Uguhoraho ntikugira itanguriro canke iherezo. Kubw'ivyo ntashobora kuba Umwanaahoraho, maze ngo agire itanguriro; kuko ikintu nk'iki ngo : «Umwana ahoraho »,ntikibaho. Umwana agira itanguriro : ntashobora rero kuba Uwuhoraho!

We ni Imana ihoraho,si Umwana ahoraho. Icubahiro kibe ic'Imana. Ishobora Vyose, Yehova-Yire,Yehova-Rafa, yagaragaye mu mubiri. «Kukomuri We ari ho haba ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri.»

85 Ku musi waPentekote, igihe ya Nkingi y'Umuriro yamanuka kuri bo, mwarabonye ingeneyigabanije? Ibirimi vy'umuriro vyigabanije kuri umwe umwe wese muri bo. Ibirimivyigabanije nk'ivy'umuriro; bibajako umwe umwe wese. Imana yariko irakora iki?Yariko irigabanganya ubwayo mw'ishengero mu kuja muri umwe umwe muri twebwe;iha abagore, abagabo, bose, agace ka Mpwemu wayo, maze ikigabanganya ubwayomw'Ishengero ryayo.

Mbega umuntuashobora gute kuza akavuga ati: «Umuntu mweranda, ni papa; umuntu mweranda ni umwungere.»?Umuntu mweranda ni Kristo, Mpwemu Yera muri twebwe. Mbega mushobora mute kuvugako abanyeshengero ata co bafise co kuvuga? Umwewese muri mwebwe arafise ico kuvuga! Umwe wese muri mwebwe arafise igikorwa cogukora. Umwe wese muri mwebwe ategerezwa gutwara ubutumwa. Icubahiro kibeic'Imana!

MpwemuYera yarigabanganije ku musi wa Pentekote. Imana yigabanganya ubwayo:

« Uwo musi muzomenya ko ndi muri Data, namwe muri muri jewe, nanje ndimuri mwebwe.»

Kuri urya musi, Mpwemu Yera yari kuri bose, kumwe na bose kandimuri bose.» Amen! Ni ivyo! Mpwemu Yera arafise uburenganzira bwo kugendangendaaho ashaka hose, no kumanukira ku wo ashaka wese. Ntimutegerezwa kwemera ivyoumwungere kanaka canke umupatiri kanaka avuga. We ni We Muherezi umwe dufise;ego ni We Muherezi mukuru. Uwuvugishwa n'Imana, Umuherezi akaba n'Umwami.

86 Ubu naho:

«...no kuri Yesu Kristo icabona co kwizigirwa imfuray'abari barapfuye (ivyo turajakubiraba)... Uganza abami bo mw'isi! Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacun'amaraso yiwe... »

Ijambo«kwozwa» rikoreshwa hano, mu Kigiriki risigura koko «kubohorwa». Twaritwaboshwe n'isi kubw'icaha cacu. Ntitwashobora kubona, canke kwumva, cankekwiyumvira na kimwe cerekeye Ijuru, canke ico ari co cose. Ariko igihe Amarasoyamanuka, yaracagaguye ingoyi maze duca turabohorwa.

87 Igihekimwe narasomye inkuru yogira ico idufasha ngaha. Umurimyi umwe yarafasheigikona arakiboha. Yibwira ngo : « Ngira mpe icigwa ibindi bikona.» Yaciyeabohera ukuguru kw'ico gikona gishaje ku kiziriko, gurtyo ico gikoko carikokirapfa n'inzara. Cari gifise intege nke ku buryo n'ukwikwega vyakigora.

Ni coamadini amwe amwe n'amashengero amwe amwe yakoze mu gushira abantu mu ngoyi. «Ng'ahaaho mushobora kugarukira: Igihe c'ibitangaza caraheze! » Ego! Muraboshwe koko!Nta bindi. « Mpwemu Yera, ico ntikikibaho, ntakivuga mu ndimi nk'uko yabikorakera. »

Ni We Mana! «Uko yar'ari ejo, n'uyu musi nikw'akiri, ni kw'azokwama ibihe bidashira.» Abaheburayo 13: 8; ni muzima mubihe vyose vy'Ishengero. Ivyo turaja kubibona tumaze gushiraho urufatiro murikino gitondo. Murabona, We ni Imana nzima mu gihe cose c'Ishengero. Azoba muriburi gihe c'ishengero, kandi azoba mu bantu biwe ibihe bitazoshira. Kuko ubudufise muri twebwe Ubugingo budashira.

88 Iri dini rero ryari ryaramuboshye, reba. "Nibyo, iminsi y'ibitangaza irashize. Nta kintu na kimwe nko gukiza kw'Imana. " Umukene mugenzi wawe w'umukene yarikubise hasi, kugeza igihe yari umukene kuburyo atashoboraga kugenda.

Umunsi umwe, haje umugabo mwiza. Na we ati: "Urabizi, kiriya gikona gishaje. Ndumva bimubabaje cyane. N'ubundi kandi, ashobora kuba yarabonye ibigori bye. Nibwo buryo bwonyine bwo kwibeshaho. Agomba kugira icyo kurya. Ntabwo rero yari azi itandukaniro. Yari hanze aha abona ibigori. Noneho, yafashe icyuma atema igikona gishaje.

Kandi urabizi, hano haje izindi nkongoro, ziraza, ziti: "Ngwino, Johnny Crow, reka tujye mu majyepfo. Ubukonje buraza. "

Uzi iki? Iyo nkongoro yagenda gusa uko yashoboraga kujya hanze, ati: "sinshobora kubikora. Ntabwo ari twe kuri uyu munsi. " Ntidushobora kubikora, reba. Yari yarabohewe kugeza igihe yibwiraga ko akiboshye, reba.

89 Kandi nivyo bishikira abantu benshi : muboshwe na za nemera bo n'amadini; vyavuye kuriumwe Maraya nyina wa ba Maraya wa mbere yababwira ngo : « Yesu Kristo ntiyamaari wa wundi, kandi ngo ugukira indwara kuva ku Mana ntikubaho, ngo ntamubatizo wa Mpwemu Yera ubaho, ko ata na kimwe muri ubwo bupfu kibaho.»Agerageza kubabwira ko... Mwaraboshwe igihe kirekire ku buryo n'ubu mwibazayuko mukiboshwe.

Umuntumwiza, Kristo, yaratanze Amaraso yiwe kugira ngo atwoze kandi atubohore ku cahacacu.

Mbega icaha ni iki? Mwese ndababajije. Icaha ni iki?

Icaha niukutizera. Ni vyo: «... uwutizera we yaramaze gucirwako iteka. »

Kandiicaha canyu ni co conyene kibabuza kwidegemvya. Kuko Imana yaraciye imigoziy'ukutizera kwanyu; yamara mwaraboshwe cane na za nemera ku buryo mwibaza yukomukiboshwe. Mwishwe n'inzara mukadandabagirana muja hirya no hino muvuga muti :«Ndi umuperesibiteriyano, umumetodiste umubatiste; bambwiye ko ndi uwomw'ishengero rya Kristo, igihe c'ibitangaza cararangiye, nta kintu nk'ico kibaho!»

Wagakona we kashonje, ni kubera iki utaza muri kino gitondo? Kubera iki udahunga?Haleluya! Umvira imburi zose, maze uhungire kw'izuba ry'Ubugororotsi, rifiseugukiza mu mababa yaryo. Amen! Ni ivyo. Ni ivyomwene Data, ni ivyo mushiki wanje. Oh!Uwo Umwana abohoye aba aronse umwidegemvyo vyukuri! Ego, mushingantahe!

90 «Ariko, pasitori wanje...» - Nta na kimwemuri ivyo! Bibiliya iravuga ko mwidegemvya!

«Ishengeroryanje...»

Neza, yatubohoje. «Yaratwogeje adukura mumadini kubw'Amaraso yiwe bwite.» Yaratubohoye kugira ngo twiyumvire ubwacu,tuvuge kandi dukore ata wudufashe ku gakanu.

« Arikoni nasubira inyuma nkabwira pasitori ko ntegerezwa kwongera kubatizwa,azoca...»

«Kuvuga ko mwidegemvya bibamariye iki?» Murazi ko uku ari uguhishurirwa.Muridegemvya!

Nimwabamwaracucagiwe utuma tw'amazi nk'uku mw'Izina rya « Data, iry'Umwana n'iryaMpwemu Yera », hariho urugomero rw'amazi ruteguye ngaha, muri kino gitondo rurimwoamazi. Murabibona? Koko ntivyari ivy'ukuri!

Ntimukiboshwe ukundi. Muridegemvya, ariko kumbure ko mutabizi. Yamara munkundire ndababwire ibimuri kino gitondo. Bibiliya iravuga ngo: «Yaradukijije ivyaha vyacu, ukutizerakwacu, kugira ngo turonke uguhishurirwa kwa Yesu Kristo.» Genda mwidegemvye!...Ntimukeneye gufata ivyo amashengero avuga. Fate ico Imana ibivugako. Ng'ukouguhishurwa kwayo : ihishura iyo ari Yo.

91 « Nahoranizera ko Imana Data ifise ubwanwa bwera bo n'imishatsi yera, Umwana na we akagiraimyaka ibayebaye, maze Mpwemu Yera akaba umuhungu w'igikundiro. » Mwene Data,ni ubupagani! Uba uri umupagani iyowizeye imana zitatu.

Icagezweca mbere... Ni ikihe cagezwe ca mbere? «Ni mwumve, yemwe Bisirayeli : Uhoraho Imanayacu ni we Uhoraho wenyene.» Ni ivyo.

Ni ivyo, ni Imanaimwe si imana zitatu. Yabayeho mu bikorwa bitatu, ikorera ahantu hatatu. NiUwuvugishwa n'Imana, Umuherezi, n'Umwami. We ni Inkukuma, Umwagazi w'intama,akaba n'Intambwe. Ni Ikirungu co mu biyaya, Ishurwe ry'i Sharoni, Ikirungu comu biyaya, Ikinyenyeri co mu Gaturuturu.Ni Umunago wo ku Gishitsi ca Dawidi. Ni we ava kuri A agashika kuri Z. Ni WeData, mwana akaba na Mpwemu Yera. Arimwo ivyo vyose, ariko ni Imwe! Ni Imanaimwe rudende. Ayo matazirano ni ay'Imana ariko Imana ni imwe gusa.

Nta muntun'umwe, muri Bibiliya yose canke muri kahise kose gushitsa ishengero Katolikaribayeho, yigeze abatizwa mu mazi menshi mw'Izina rya Data, Mwana na MpwemuYera. »

92 Hamwe mwobonaicanditswe ico ari co cose canke ikindi kintu gihinyuza ivyo, muracandika mazemukinshirire ngaha kuri uyu mugoroba; ndaheza nce mva mu rusengero mvuga nti: « Ndi indyadya, nigishije abantu nabi»; hamwe mwoshobora kunyereka umurongo wo mu Vyanditswe canke mukanzanira inkuruyanditswe, inkuru yanditswe y'ukuri yonyereka yuko hari abantu muri Bibiliyaboba barabatijwe mw'Izina rya «Data, Umwana na Mpwemu Yera »; canke hamwemwonzanira igitabo kivuga ku vya kahise, urupapuro, aho bavuga ku vya kahise kohari umuntu yoba yarigeze abatizwamw'izina rya «Data, iry'Umwana na Mpwemu Yera » imbere yuko haba ya Nama y'iNikaya y'ishengero rya Katolika, nimuze mubinzaniye; nzoca nishirako urwandikoku mugongo nce nca muri Yeferesonivile, namwe munze inyuma muvuza inzamba; mazence nandikako nti : « Ng'uyu umuwuvugishwa w'ibinyoma azimiza abantu. »

Namwe bapasitori,nimwaba muri ngaha muri iki gitondo maze mukaba mwemeye kunkorera ivyo, ahorero mutegerezwa kwemera ko nanje ndabibakorera. Ni co kimwe na mwebwe mugiyekuzohabwa iyi kaseti.

93 Ivyo ni ibiki? NiIvyahishuriwe Yohana. Ni Uguhishura. Ni Mpwemu Yera, Kristo, arungika Ubutumwabwiwe mu Mashengero. Nimumwumve!Nimumwumve! Ni vyo Bibiliya yigisha.

Noneivyo bitujana he? Nimwaba mudashaka gushavura ngo muce mwitahira muri iyi ndwi… Nimurondere igitabo kivuga kuri ya Nama y'i Nikaya, ikivuga kuri za Babulonizibiri canditswe na Hislop,

n'ibindi.

Inkuruzanditswe na Josephe zimeze neza cane ariko yanditse agace gato kuri Kristo,avuga ati: «Hariho umuntu yitwa Yesu yazunguruka igihugu cose, akiza abarwaye.Yapfuye hatwara Pilato na Herode ari nabo bamwishe. Ni ho rero abigishwa bazabagasahura ikiziga ciwe maze barakinyegeza. Kandi buri joro barazabagashiturako akanyama bakakarya, bari rero ba nanga yivuza. Uko ni kobasangira.» Ni ivyiyumviro vy'umubiri! Vyukuri Josephe si umuntu wo kwumviriza!

94 Arikomurafata ca « Gitabo c'abishwe bahorwa Ijambo ry'Imana » canditswe na « Fox »,ni ibintu vy'ukuri. « Igitabo c'abishwe bahorwa Ijambo ry'Imana » canditswe naFox. Ni bangahe bamaze kugisoma? Igitabo kivuga kuri vya « Bihe vya mbere »canditswe na Pember, canke ikivuga kuri « za Babuloni zibiri » canditswe naHislop, canke ahandi hantu hari inkuru zo kwizigira. Igitabo kibivuga nezakurusha ibindi ni ikivuga kuri « Ya Nama y'imbere y'iyi Nikaya n'imwe y'iNikaya ». Kandi muzosanga ata na hamwe havuga, ko ata muntu…

NimufateIvyanditswe Vyera, maze murabe ko hari umuntu muri Bibiliya yigeze abatizwahakoreshejwe amatazirano « Data, Mwana na Mpwemu Yera ». Ivyo vyerekana imanazitatu. Bibereye imigirwa y'abapagani. Kandi inyigisho za Katolika si ikindi namba uretse uburyo bw'igipagani ivya gikristo bikorwamwo. Kandi mw'ishengeroKatolika ni ho havuye Maritino Luteri, Yohani Wesileyi, Ababatiste,Abaperesibiteriyano, n'abandi.

Ariko mumisi ya nyuma, umuryango wongeye kwugururirwa ukuri, kutwereka yuko « ariBibiliya ibivuga! » kandi hategerezwa kuza uwuvugishwa n'Imana akomeye kuri iyisi mu misi ya nyuma. Turizera ukuza kwiwe, mube maso, kandi azoba afiseIshengero. Ego, ivyo tuzobibona.

95 Mwibukeyuko bino ari Uguhishurirwa. Nta na kimwe mushobora kubigabanyako. Mbega umuhigo!Nimunyereke umuntu muri Bibiliya canke ahantu aho ari ho hose bigeze kubatizaumuntu mw'izina rya « Data, Mwana na Mpwemu Yera » canke ngo umuntu bamumijekoutuma tw'amazi kubwo guharirwa ivyaha vyiwe (nimubinyereke muri Bibiliya!).Ntibigeze babikora! Kandi umuntu wese ukwo yaba yarabatijwe kwose, yategerezwakwongera kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ahabwe Mpwemu Yera.

96 Ivyakozwen'Intumwa 19 havuga ngo: « Paulo amaze guca mu bihugu vyo haruguru vyomuri Asiya, asangayo abigishwa bamwe,…» Yaciye avuga ati: « Abigishwa » ?Baciye bagira igikorane kinini. Bakurikira umugabo yitwa Apolo yari umuntu yariazi Ivyagezwe yahindukiriye Imana; umubatiste yizera Yohana Umubatizi, kandiyerekanisha Ivyanditswe ko Yesu ari Kristo.

Paulo yaciye muri ico gisagara, kugira arabe Akwila na Purusikila, Ivyakozwen'Intumwa18. Yari yagiye i wabo gufungura, canke ikintu nk'ico. Baciyebamubwira ivy'uwo muntu ahambaye. Baciye baja kumwumviriza, kandi Pauloyaramwumvirije kuri uwo mugoroba. Ni ho yavuga ati : « Ameze neza cane.Biratunganye. Ni vyiza cane; yamara,mwarahawe Mpwemu Yera mumaze kwizera? »

Bimezebite kuri mwebwe Babatiste mwibaza ko muronka Mpwemu Yera UMWANYA mwizereyeko?

Acaarababaza ati: « Mwarahawe Mpwemu Yera mumaze kwizera? »

Bamwe bavuga bati : « Sivyo vyanditswe ! »

Ndabahigishije. Ndafiseaho vyanditse mu kigiriki c'inkomoko imbere yanje, co kimwe n'igiheburayo. Bibiliya ivuga mu kigiriki no mu giheburayo, bo no mucaramu. Kandi ndazifise zose uko ari zitatu imbere yanje; ziravuga ngo: «Mwarahawe Mpwemu Yera MUMAZE kwizera? »Ni ivy'ukuri. «Mwarahwe

Mpwemu Yera mumaze kwizera? »

97 Ni horero bishura bati: « Ntitwari bwanavyumveko Mpwemu Yera yatanzwe. »

Arababaza ati:« None mwabatijwe umubatizo ki? »

Bishura bati:« Twabatijwe na wa mugabo nyene yabatije Umwami Yesu Kristo. Twabatijweumubatizo wa Yohana (kumbure hamwe nyene yamwibije amubatiza), twabatijwe n'uwomugabo nyene. »

Paulo aca aravuga ati: « Ivyo ntibikwiye. Yabatije gusa umubatizo w'ukwihana,ariko ntiyabatije umubatizo wo guharirwa ivyaha. »

Hanyumababamwe bamwe muri mwebwe aba nyabumwe, umubatizo wanyu n'uw'ikinyoma co kimwen'uwa bo. Mubatiza ngo umuntu akizwe. Umuntu ntakizwa n'amazi ariko akizwan'Amaraso n'Ukwihana. Umubatizo si kwo kuvuka ubwa kabiri. Oya! Ukuvuka ubwakabiri kuzanwa na Mpwemu. Umubatizo ni ukugaragaza igikorwa co kuvuka ubwakabiri kiba cakorewe imbere mu muntu. Murabitahura?

98 Neza cane; nimwitegerezeneza bino bintu!

Pauloyavuze ati: «Mbega mwarahawe Mpwemu Yera igihe mwizera? » Bavuga bati…

Bishuye bati:«Ntitwari bwanavyumve yuko Mpwemu Yera yatanzwe. »

Avuga ati«None mwabatijwe umubatizo ki? »

Bacabarishura bati: «Umubatizo wa Yohana.»

Paulo aravuga ati: «Yohana yabatije umubatizo wo kwihana, avuga ko mwategerezwakwizera We, umwagazi w'intama, ikimazi categerezwa kuza, Umwami Yesu Kristo.»

Bamaze kwumva ivyo baciyebasubira kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Hanyuma Paulo abarambikakoibiganza baca baronka Mpwemu Yera, bavuga mu ndimi bongera baravugishwa.

99 Nimuzerero mumbwire ko atari Ivyanditswe canke munyereke aho ari ho hose umuntu yobayarabatijwe ukundi mw'Isezerano Risha, atari mw'izina ry'« Umwami Yesu Kristo». Nimuhanyereke.

Agabo Mwerandan'abandi benshi babatijwe kugeza igihe ca ya Nama nkuru y'i Nikaya, bosebabatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo. Abamisiyonari baja mu gikorwa co kuvugaubutumwa bitwaje Izina rya Yesu Kristo.

Arikoigihe haba ya Nama Nkuru y'i Nikaya vyasabwe ko baronka imana zitatu. BakuyehoJupiter bashiraho Petero. Bakuyeho Venus bashiraho Mariya. Bari bafise ubwokobwose bw'imana, ubwoko bwose bw'abera, n'ibindi vyose. Bakoze umubatizow'ubutatu, maze bawugaburira Abaporoti! Kandi n'ubu baracawumiragura.

100 Ariko ubu, Umuco wo ku kagoroba waraje. Uwuvugishwa n'Imana yavuze ati : «Ariko hageze mu kagoroba, hazoba umuco.»

Kukagoroba hazobaho umuco.

Muzomenya inzira ija mu Bwiza.

Inzira ica mu mazi niwo muco w'Ubu!

Muhambwe mw'Izina ry'igiciro rya Yesu,

Emwe bato namwe basaza, nimwihane ivyaha vyanyu vyose, Maze Mpwemu Yera azinjira muri mwebwe,

Umuco wo ku kagoroba waratse,

Ni ivy'ukuri : Imana na Kristo ni Umwe!

Mbega muravyizera?Ku musi wa Pentekote Petero yavuze ati : « Nukoabo mu muryango wa Isirayeli nibamenye badakekeranya yukw'Imana yamugize Umwamina Kristo, Yesu umwe mwabamba. (Ivyakozwe n'Intumwa 2 : 36) Ego! «Imana yamugize Umwami na Kristo Yesu umwemwabamba; abo mu muryango wa Isirayeli nibabimenye badakekeranya.»

101 Nta gihe kininikihaciye nariko mvugana n'Umuyuda, ngaha ku Nzu ya Dawidi, yariko ambwiraati: «Mwebwe abanyamahanga ntimushobora guhimbura Imana gutatu maze ngomushobore kuyiha Umuyuda. Turazi ibirengeye ivyo!»

Naciye ndamubwiranti : «Ni vyo! Mushingantahe urongoye idini ry'Abayuda. Imana ntituyihimburamwogutatu.» Nca ndamubaza nti : «Urizera ivy'abavugishwa n'Imana? »

Aranyishura ati : « Canenyene »

«Urizera Yesaya 9 : 5? »

Ati : «Ego»

Nca ndamubaza nti : « Uwoyavugishwa n'Imana avuga kuri nde?

«Kuri Mesiya »

Niko kumubaza nti : « Ni irihe sano riri hagati ya Mesiya n'Imana ? »

Yanyishuye ati : «Azoba ariImana»

Nca ndamwishura nti : «Ni vyo koko!» Amen!

Ni uko! Ntimushoborakuyihimbaguramwo gutatu.

102 Hamwe mwebwe abamisiyonari muri ngaha… harimwo umwe azoja mu Bayuda, ndibaza ko uwo muntuyicaye harya. Ntimukagerageze kugira Imana... Abayuda ntibazi Data, Umwana naMpwemu Yera. Bazoca bakwishura buno nyene yuko bazi iyo ivyo vyavuye : mu Namankuru y'i Nikaya! Ivyo ntibazovyumviriza. Ariko nimubereke aho iyo Mana yambayeUmubiri, kandi ko ari Yo Mana yonyene ibaho. Imana yambaye umubiri mw'ishushoy'umuntu ikaba hagati muri twebwe kugira ngo itweze. Yaraduganywe kugira ngoashobore kwiyizira ubwiwe mu mero ya Mpwemu Yera. Imana Data, Mpwemu Yera, niya yindi nyene.

103 Bibiliya iravugaidonda ba Sekuruza ba Yesu Kristo mu gice ca mbere co muri Matayo, ngo :«Aburahamu avyara Isaka; Isaka avyara Yakobo», gurtyo gurtyo. Kandi wigiweimbere haravuga... Reka ndabibasomeremaze muraca mutahura ivyo ndiko ndavuga. Duhere ku murongo wa 18.

«Ukuvukakwa Yesu Kristo kwabaye gurtya : Nyina Mariya yari akowe na Yosefu;ataramurongora bamubona afise inda yavuye…

« kuMana Data» ? Mbega uko ni ko handitse? [Ikoraniro rivuze riti,« Oya. » -Umw.] Afise inda iva kuri nde?[« MpwemuYera.' »] I…[Agace katavuga kuribande.] Nagira Imana Data ni Yo yari Se? ImanaData rero na Mpwemu Yera ni Impwemu imwe, bitari uko naho Yesu yobaye afise base babiri.

«ArikoYosefu, umugabo wiwe, kukw'ari umugororotsi, kandi kukw'atagomvye kumuteterezayiyumvira kumubengera mu mpisho.

Akivyiyumvira,umumarayika w'Umwami Imana amwiyerekera mu nzozi, aramubarira ati Yosefu, mwanawa Dawidi ntutinye kurongora Mariya umugeni wawe kukw'atwaye inda ya... (Imana Data?) ... ya

Mpwemu Yera.»

«Imana Data » ? Ee ? [Ikoranirorivuze riti, « Oya. 'Mpwemu Yera.' » -Umw.] « Mpwemu Yera. » None ni nde yariSe wa Yesu Kristo? [« Mpwemu Yera. »] MpwemuYera. Ninde ari muri mwebwe ? [« Mpwemu Yera. »] Naho nyene, ni Imana Data. Si vyo ? Ntankeka!

104 « Azovyaraumwana w'umuhungu nawe uze umwite YESU… »

Ngaha turafise ImanaData. Turafise Imana Mpwemu Yera, kandi turafise Imana Mwana. Murabibona? Zicaziba Imana zitatu! « Ariko Bibiliya nta gisa n'ico ivuga! Abo babiribategerezwa kuba umwe, bitari uko yobaye afise ba se babiri! Murabibona? Ntashoborakugira ba se babiri. Murabizi neza!

«Azovyara Umwana w'Umuhungu, naw'uz'umwite YESU, kuko ari we azokizaabantu biwe ivyaha vyabo.

Ivyovyose vyabaye birtyo ngw'ivyo Umwami Mana yavugiye mu kanwa k'Uwavugishwa na Webiboneke, ngo Raba,

…inkumiizotwara inda ivyare Umwana w'Umuhungu, bazomwita Imanuweli, risobanura ngo : «Imana iri kumwe natwe » (Mat. 1 : 21- 23).

Ivyobiri mu gice ca mbere ca Matayo.

Muri Matayo 28 : 19, Yesu yavuze ati : Nuko nimugende mubatize mw'izina rya Data wa twese, iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera.»Izina rya Data, iry'Umwana, n'irya Mpwemu Yera ni irihe? Ni Yesu Kristo,nta nkeka.

Musomyeigitabo c'inkuru y'abakundanye kivuga ngo : « Yohana na Mariya babayeho igihekirekire banezerewe. » Yohana na Mariya ni bande? Dutegerezwa kugaruka ahoinkuru ihera kugira tubitore.

Ni habaata kintu nk'ico kiriho, ata zina nka Data, Mwana canke Mpwemu Yera ribaho,none iryo zina ni irya nde? Garuke aho inkuru ihera kugira tubone uwo yarikoaravuga.

105 Kuri wamusi wa Pentekote, Petero yavuze ati : «Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, muboneguharirwa ivyaha vyanyu…» (Ivyak. 2: 38). Yari afise uguhishurirwa.

Yohana yariafise uguhishurirwa.

Yesuyari Uguhishurwa; yaridondoye we nyene ubwiwe ngaha mu Vyanditswe avuga ati : «Ndi Iyamyeho, kandi iriho, kandi igiraize, Ishobora vyose. » Ni uko!

Ubu reroturabe twihuta umurongo wa 7, kugira duce dusohoka kare. Ushobora vyose.

…inganj-…icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihebitazoshira. Amen!»

... akaduhindura ubgami, no kuba abaherezib'Imana yiwe, ni yo Se : icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira.Amen!»

Murabonangaha uku guhishurwa? Ivyo bihishuwe gute? Abantu barata umutwe bageragezagutora ico Data, Mwana na Mpwemu Yera bisigura kugira zitatu bazikuremwo imwe.

Ntimukwegeimishatsi ngo mwiyage mu mutwe, ahubwo ni muraramure amaso yanyu gusa!Uguhishurwa kuva mw'Ijuru. Ni vyo koko! Izohishura! Si Data, Umwana na MpwemuYera; uko ni ukwiyerekana gutatu Imana imwe ibamwo.

Igiheitari bwicishe bugufi ngo yegere umuntu, yari yonyene mu gikorwa ca «Mpwemu».Hanyuma yiremera umubiri, ica iba muri wo kugira ngo iwushiremwo amaraso yayobwite; ivyo ntivyakoretse biciye mu gitsina nk'uko vyagenze mw'itongo ryaEdeni, ariko Imana yarashizeho umubiri biciye mu kurema. Kandi biciye muri uwomubiri wavutse ku nkumi; yatanze Amaraso yayo ari Yo yatwejeje akatubohoraukutizera kwacu kugira tumwizere. Gurtyo rero, iyo dukoze ivyo, tuba tuyakiriyemu mitima yacu, kandi ni Imana muri twebwe. Imana : Data, Mwana na Mpwemu Yera,nk'uko ari Uwuvugishwa n'Imana, Umuherezi n'Umwami. Ni co kimwe.

106 Ni uko!Ubu rero turabe umurongo ugira ndwi, harimwo ibimenyeshwa :

«Eh'arazanana n'ibicu, kand'ijisho ryoserizomubona, n'abamucumise bazomubona : kand'amoko yose yo mw'isi azoborogeshwana we ...»

Yo!Mbega dusigaranye umwanya ungana gute? Ese ingene ibi ari vyiza! Murashoborakundonsa iyindi minota mirongo ita...mirongo ibiri? [Ikoranirorivuze riti, "Amen."] Murabishobora? ["Amen."]Neza cane! Kuri uno mugoroba turaja kugeragezagutahura ibindi yerekewe i Patimo. Kuri uno musi turaja gushika kw'iherezory'ivyamenyeshejwe.

Oh!Muramerewe neza? [Ikoranirorivuze riti, ["Amen."] Mbega murakunda ino Bibiliya ya kera? ["Amen."] Mbega ntivyari bikwiye ko muyikunda? Ni uguhishura kwa nde? Ni ibiki?Imana ishira ukuboko kwayo muri ico Gitabo igakurako ikigitwikiriye, ikavugaiti : «Ni We. Uwuvugishwa n'Imana, Umuherezi, Umwami, Data, Umwana, MpwemuYera,

Iyamyeho, Iriho, kandi igiraize! Ivyo vyose ni Imana!»

107 Twongere dukureho ikigitwikiriye mu minota mikeya, dufashijwe n'Umwami. Dukureicitwikirizo ku maso yacu, maze...

«Eh'arazanana n'ibicu...»

None,aje gute? « Azanana n'ibicu.» Ibicu bwoko ki? Ibicu vy'ubwiza. Si ibicu bikuvyecanke vy'imvura, ariko ni ibicu vy'ubwiza.

Nimwabamushaka kumenya ubwoko bw'ibicu vyari bimutwikiriye, nimwihweze ivyo Peteron'abandi bigishwa babonye kuri wa musozi w'Ugukayanganirako. Yari atwikiriwen'igicu, na co kikaba cari Ubushobozi bw'Imana.

Oh,tuzobishikakako tudatevye muri ivyo bihe vy'Ishengero; ndababwiye ko iyondavyiyumviriye gusa nca mpinda agashitsi gushika i bwina muri jewe. Ndabonaibi bihe turimwo, aho ata kindi twiteze atari Ukuza kwiwe.

108 Reka ubuivyo tuvyinjiremwo twihuta. Nimwibuke ibi ngo :

«...Ijisho ryose rizomubona... »

Aho rerontihavugwa izamurwa, mbega niryo? [Ikoraniro rivuze riti, "Oya."—Umw.] Murabibona?Si izamurwa. Ariko avuga iki? Ukugaruka kwiwe kwa kabiri.

…kandin'abamucumise bazomubona; kand'amoko yose yo mw'isi azoborogeshwa na We.»

Tugarukeinyuma maze dufate kahise gato. Tugaruke muri Zekariya igice ca

ca Zekariya. Zekariya.Neza cane.

«Kand'Umwami Imana akabongera imisi yose abama barakizwa. » Ese ingene dushimakubw'uku guhishurwa kwiza kwa Yesu Kristo. Mbega ntimunezerewe kubwiwe?Tuzokwihutira ukwo dushobora kwose kubishirira abantu mu gitabo kugiramugisome, mucige mwitonze muri muhira. Neza cane.

109 Zekariya,Zekariya, igice ca 12 ca Zekariya aka kanya. Turakwiye kuvyinjiramwo turi mumpwemu y'amasengesho. Kandi ivyo nifuza kubikora kubw'icubahiro c'Imana.Zekariya 12, reka duhere ku murongo wa 9. Ubu rero mwumvirize neza. Ariko aravuga ivy'Ukuza kw'Umwami. Zekariya12, turahera ku murongo wa 9, ku murongo wa 9.

«Kandi kur'uwo musi...

Ni Zekariyaariko aravugishwa hasigaye imyaka 487 ngo Kristo aze

Nzokwitwararika kugeseza amahanga yose yaje guteraYerusalemu (vyibazeko!).

Kandi nzosuka ku nzu ya Dawidi no ku baba i Yerusalemuimpwemu y'ubuntu n'iyo gusenga; kandi bazokwitegereza uwo bacumise...»

110 Ubutumwabwiza buzosubira ku Bayuda ryari? Ni mu gihe igihe c'Abanyamahanga kizobacarangiye, Ubutumwa bwiza bugira busubire ku Bayuda. Ese noshobora gusakubabwira akantu kagira gashike ngaha nyene! Murabibona? Muri kino gihe nyene,murabona! Ivyo bitegerezwa gushika. Tuzobibona mu bihe vy'Ishengero. Kandi icokintu ciza cane kigira gishike kibandanye gushika mu Vyahishuriwe Yohana 11,kugira gifate ba bavugishwa babiri ari bo Eliya na Mose, bazogaruka ku Bayuda.Ivyo turavyiteguriye. Vyose biriko biraja mu buryo, vyose birateguye. Ubu butumwabwarungikiwe abanyamahanga, nk'uko Abayuda babujanye mu banyamahanga,abanyamahanga nabo bazobusubiza Abayuda. Maze hace haba izamurwa.

Arikomwibuke ko ibi bizoba inyuma ya vya vyago bihambaye. Turazi ko Ishengeroritazoca muri vya vyago bihambaye. Ivyo turabizi kuko Bibiliya ibivuga.Murabibona? Neza cane.

111 A - «...-zosuka ku nzu ya Isirayeli... » iki ? UmweMpwemu Yera nyene. Murabibona? Ishengero ryo mu banyamahanga rimazekugenda.

«... kandi bazokwitegereza uwo bacumise; bazomuborogera nk'uborogera umwana wiwe w'ikinege, bamurware akabonge nk'ukarwazwan'imfura yiwe.

Kur'uwo musi, hazoba umuborogo ukomeye i Yerusalemunka ya maborogo yabaye i Hadadirimoni mu kiyaya c'i Megidoni.

Kandi igihugu kizoboroga, umuryango wose ukwawo;umuryango w'inzu ya Dawidi ukwawo..., umuryango w'inzu ya Natani ukwawo...,umuryango wose ukwawo. (Ni babona,hazoca haba iki?

112 Hazoba iki ni yaza azananye n'ibicu vy'ubwiza yongeye guseruka ubugira kabiri.)

Kandiigihe Abayuda bamucumise... Murazi yuko uwundi murongo wo mu Vyanditswe uvugako bazomubaza bati : « Izo nguma zavuyekuki?»

Azokwishuraati : «N'izo nakomerekeye mu nzuy'abakunzi banje.»

Kandikizoba ari igihe c'amaborogo atari ku Bayuda gusa batizeye ko ari Mesiya arikono ku banyamahanga bazoba basigaye, batizeye ko ari Mesiya mu gihe cabo;bazorira baboroge. Za nkumi z'ibijuju zizorira, ni na bo bagereranya ishengerory'abanse gushira amavuta mu matara yabo. Inkumi cumi zarasohotse, bose bariabantu b'intore, ariko zitanu gusa muri zo ni zo zari zifise amavuta yo kuruhande. Na batanu bandi na bo bari abantu b'intore, ariko bari baretse gushiraamavuta mu nzavya zabo. Zaciye zitererwa hanze mu mwiza, ni ho hazoba amarira,amaborogo no kuryanya insya z'amenyo.

Ni cogituma handitse ngo hazoba amarira. Bibiliya iravuga ko hazoba amarira n'imitimaidendebukiwe, kugeza n'aho… »

113 Ngirandabahe ahandi hantu mw'Itanguriro 45, nimwaba mushaka kuhasoma. Nashakakubasomera uko Yosefu yibariye bene se. Aho ndaja kuhafata kugira ndaberekeikigereranyo c'ibizoba kuri uwo musi. Turaheza duce dufataniriza hamwe ivyovyose.

«Maze Yosefu ntiyaba agishobora kwiyumanganyaimbere y'abo bahagararanye bose; aca avuga n'ijwi rirenga ati : Ni mutaramureabantu bose

Nimwibuke neza ibi; ko Yosefu mu kwibarira bene se, yasemereye ati : « Nimutaramure abantu bose! »

Nuko ntihagira uwundi muntu n'umwe asigarana naYosefu, igihe yibarira bene se.

Araturikisha ararira, Abanyegiputa baravyumva, no kwaFarawo baravyumva (ategerezwa kubayarasemereye cane!).

Yosefu abwira bene se at'erega ni jewe Yosefu! Ahodata aracariho? Bene se babura ico bovuga, kuko barandutse imitima kubonabar'imbere yiwe.

Yosefu abarira bene se at'Enda nimunyegere.Baramwegera; aravuga ati Ni jewe Yosefu mwene so, umwe mwaguze ngashorwa muriEgiputa.

None ntimubababare ngo mwirakire kuko mwanguze ngashorwaino : kukw'Imana ariyo yatumye mbitangira imbere ngo mbe kirokora (oh, ese ingene ari vyiza!).

Ikigoyi kimaze imyaka ibiri mu gihugu, kandiharacasigaye iyindi myaka itanu batazoruha barimamwo canke ngo bimbure.

Imana ni Yo yatumye mbitangira imbere kugira ngoibabogore, mugire ico musiga mw'isi, ibarokoze agakiza gakomeye. »

114 Rekandabihuze na Zekariya 12 mu kanya gato. Turazi ko biciye mu bigereranyo...Nimwigisha mukoresheje ibigereranyo, ndibaza yuko mutazokwigera mwihenda.

Igihe Yosefu yavuka, yarankwa na bene se.Mbega si vyo? Ubu ngira ndabereke yuko Yosefu ari ikigereranyo c'Ishengeroryuzuye Mpwemu Yera. Yosefu yarankwa na bene se. Kubera iki? Kuko yariuw'impwemu. Kwerekwa si ivyo Yosefu yari yarihaye. Kurota inzozi nokuzisobanura si ivyo Yosefu yari yarihaye. Vyari biri muri we. Nta kindi yariashoboye atari ukwerekana icari muri we. Bene se rero bamwanka bamuhora ubusa. Yamarase yaramukunda, kuko se yari uwuvugishwa n'Imana.

Murabonaingene vyagenze no kuri Yesu? Imana yarakunda Umwana wayo; yamara bene Se,abafarisayo n'abasadukayo, baramwanka kuko yashobora gukiza abarwaye, kuvugaibintu bitaraba, kwerekwa no gusobanura ivyo yeretswe. Murabona ico nshakakuvuga? « Bamwanse bamuziza ubusa ».

115 MbegaYosefu bamukoreye ibiki? Bamutereye mu rwobo, baca bemeza yuko yapfuye. Bazaniyese wa mwambaro w'amabara ndwi, ujobetswe mu maraso...

Umunywamaziufise amabara indwi gusa. Kandi umunywamazi... nibaza yuko tuja kubigarukakogato ku mugoroba. Umunywamazi uri hejuru ya Yesu wari ufise ishusho y'akabuyekitwa yasipi bo n'akitwa sarudiyo, bo n'imero y'umunywamazi. Umunywamazi niisezerano.

Kandiryari isezerano Imana yahaye Yosefu.

Baciye rero bashira amaraso ku mwambaro wiwemaze bawushira se, hanyuma aca afatwa nk'uwapfuye. Hanyuma…

Yamarayarakuwe mu rwobo aca a -agurishwa kwa Farawo ahantu hamwe muri Egiputa, maze umukurumu ntwazangabo aramutwara ngo amukoreshe. Igihe naho haba ibintu bibi, baciyebamuta mw'ibohero. Kandi ngaho yaravugishijwe abwira abagabo babiriibizoshikira umwe umwe wese muri bo. Hari umukevyi ahereza igiturire umwami bona -n'umusukuzi wiwe, kandi umwe umwe muri bo yari yarose inzozi.

Avuyengaho yaciye ashirwa hejuru aja i buryo bwa Farawo. Kandi nta muntu n'umwe yariashoboye gushikira Farawo adaciye kuri Yosefu.

116 Nimwihwezeivyo... ingene Yosefu yagurishijwe ku Banyegiputa. Ivyo yakoze vyose vyariikigereranyo ca Kristo. Nimurabe urya mukevyi n'urya musukuzi; bose uko aribabiri bararose inzozi. Nimwibuke ko Yosefu yari mw'ibohero. Igihe Yesu yarimw'ibohero (muti gute? - Abambwe ku musaraba), umwe yarakijijwe uwundiarazimira! Igihe Yosefu yari mw'ibohero, umwe muri bo bari kumwe yarakijijwe,uwundi na we aricwa.

Mumenyeko Yesu amaze kuva ku musaraba, yaciye aduga mw'Ijuru aca yicara i buryobw'Impwemu y'Ubwiza, Yehova. « Nta wushika ku Mana atanciyeko.» Ntimuca kuri za«Mwaramutse Mariya, » canke « Naka mweranda » canke « umweranda kanaka », arikomuca kuri Yesu Kristo ari we Muhuza wenyene hagati y'Imana n'abantu (ni vyo!),wa mubiri w'igiciro Imana yaja kubamwo hagati muri twebwe, witirirwa Izinary'Imana. Kandi Imana yafashe izina ry'Umuntu. Imana yafashe…

117 Itegerezekandi ibi. Ku ntango, igihe Adamu... vyukuri sinshobora kuva kuri iki cigwa!Ndumva umengo hariho abatavyumva. Reka ndabereke kandi ikintu kimwe : MpwemuYera ni we angabishije ngo nkore ibi. Ngira mve mu vyo nariko ndavuga akanyagato. Igihe inkuru yashika mu Bwiza imenyesha yuko wa mwana w'umuhungu (Adamu)yaguye, Imana yarungitse umumarayika? Yarungitse umwana? Hari uwundiyarungitse? Oya! Yo nyene ubwayo yariyiziye gucungura umwana wayo yazimiye.Haleluya. Imana ntawundi yari yizigiye uretse Yo nyene ubwayo. Imana yarambayeumubiri ibana natwe, maze ibona kwicungurira umuntu. Bibiliya ivuga iti :«Twacunguwe n'amaraso y'Imana.» Imana idapfa yigize uwupfa kugira ngo ikurehoicaha, kugira ngo ibe ubwayo umwagazi w'intama; kugira ngo yinjire mu Bwiza,yitwikiriye, itwaye amaraso yayo bwite imbere yayo hirya y'igihuzu gikingiriyeahera.

118 Yosefurero yaramanutse muri Egiputa, aca akurwa mw'ibohero ashirwa i buryo bwa Farawomaze aca ahinduka umubwiriza wo mu rugo rwa Farawo. Kandi mu gihe ca Yosefu,vyose vyarateye imbere.

Aho Yesuazogarukira, ubugaragwa ubwabwo buzoshurika nk'ishurwe! Ni Umwana w'iterambere,agereranywa na Yosefu.

BashizeYosefu mu…Umukuru w'ingabo yari yamutwaye i muhira, aho rero ivyo yakora vyosevyamubera ko. Bamushize mw'ibohero, ibohero ryose rica ritera imbere. Ivyoyakora vyose

vyaratera imbere. Kandi igihe yashirwa hejuru cane, i buryo bwaFarawo, vyose muri Egiputa vyarateye imbere kurusha ivyakorerwa mw'isi vyose.

Ahoazogarukira, izoba ari isi y'iterambere. Ahahora ubugaragwa hazokwongeragutotahara kandi hose hazoba ivyo kurya. Twese tuzoshobora kwicara umwe wesemunsi y'umusukoni wiwe bwite, dutwenge tunezerwe, maze tube ibihe vyose munyonga ziwe, aho azogarukira ari Umwami.

119 Yari Umwana w'umuntu: Uwuvugishwa n'Imana, Amen! Yari Umwana w'umuntu: Ikimazi akaban'Umuherezi. Ni Umwana w'umuntu, nk'Umwami ni umwana wa Dawidi, yicaye ku ntebey'Icubahiro ciwe. Umwana w'Umuntu! Ni Imana yagaragaye nk'umwana w'umuntu;yaramanutse ica ihinduka umuntu kugira ngo ikureho ivyaha vy'abari mw'isi.Yahindutse umuntu kugira ngo abe uwuvugishwa n'Imana. Yahindutse umuntu kugiraabe Umuherezi. Yahindutse umuntu kugira ngo abe Umwami: Umwami wo mw'Ijuru,Umwami w'Abera, Umwami Ahoraho; yamye ari Umwami; azokwama ari Umwami, UmwamiAhoraho!

120 Nimurabeyuko Yosefu arenganye bagenda baravuza inzamba imbere yiwe bavuga n'ijwirirenga bati : « Pfukame!» Ico baba bariko barakora cose, baba barikobaratembereza ikidandazwa mw'ibarabara canke ikindi kintu, inzamba ivuze, bacabapfukama. Umuntu yaba ariko arakira amahera, yategerezwa gupfukama, kukoYosefu yaba ashitse. Oh! Iyo na ho inkone yaba igira ikore igikorwa cayo, yacaikora iki? Yategerezwa kugihagarika; inzamba ivuze Yosefu yaba aje!

Umusiumwe, aho Inzamba y'Imana izovugira, maze abapfiriye muri Kristo bakazuka, wamusi uhoraho, waka nk'izuba kandi mwiza ugatamanzura, vyose, n'igihe kirimwo,bizohagarara. Amavi yose azopfukama: «Amaviyose apfukame n'indimi zose zivyature».

Ubu reronimutangure. «Hari ivyaha vyitangira umuntu imbere, ibindi na vyobikamukurikira.»

121 Arikoubu rero nimurabe neza ibica bishika. Ese ingene ari vyiza cane! Yosefu amazekwabira umunyamahangakazi, yaciye aronka umuryango, Efurayimu na Manase ari bobahungu biwe. Muramaze kubona ko Yakobo ari mu gupfa yashatse guhezagiraEfurayimu na Manase. Akiramvura amaboko yiwe, Yosefu yashize Efurayimu i buryo,Manase na we amushira i bubamfu, kugira ngo ukuboko kw'i buryo guhezagireimfura. Ariko igihe Yakobo yatangura gusenga, amaboko yiwe yaciye anyurana,maze ubuheta aba ari we aha umugisha wo mu kuboko kw'i buryo, aho kuwuha uwarii buryo bwiwe.

Yosefu aca aravugaati : «Data, si uko! Wahaye umugisha Manase aho kuwuha Efurayimu! »

Ariko Yakobo yishuye ati: « Imana ni Yo yanyuranije amaboko yanje. »

Ivyo vyabaye kuberaiki ? Umugisha waje uva ku Bayuda ari bo mfura, abo Imana yahisemwo ubwa mbere,uza uciye ku Musaraba kugira ngo uje kurondera Umugeni mu banyamahanga.Umugisha waje uzananye ku Musaraba, uva ku Bayuda uja ku Banyamahanga.Barashibuye Umusaraba :

ni co gituma yakuye Umugeni mubanyamahanga.

122 Ariko Yosefu amazekugiririrwa nabi na bene se, ntibasubiriye gufatanya na we mu kiringo c'imyakamyinshi.

Nimurabe rero. Uburero reka tugaruke kuri Zekariya, aho tubona ko barira bagacura intimba,umuryango umwe wose ukaja ukwawo, bagasohoka maze bakavuga bati : «Vyagenzegute ngo dukore ivyo ? Twashoboye dute gukora ivyo ? » Kandi abo nyenebamucumise bazovuga bati : « Izo nguma wazikomerekeye he, izo nkovu zo mubiganza vyawe wazikuye he ? » Azozanana n'ibicu kandi n'abamucumise bazomubona.Kandi umuryango wose uzorira ucure intimba. Ntibazomenya ico bari bukore.

123 Kandi igihe Yosefu…Muraziiyo nkuru. Igihe Yosefu yabona bene se, yameze nk'aho atazi igiheburayo acaarondera uwubasobanurira. Yosefu yigira uwutazi igiheburayo ; ariko yagombakubageza. Maze uburuhiro, umusi umwe, bazanye mutoyi wiwe. Mwarabonye ko ariBenyamini yatumye umutima wa Yosefu ururumba?

Uyu musi ni igikikizorurumbisha Umutima wiwe, umutima wa Yosefu wacu ari We Yesu ? Ni riryaShengero rikivuka ryabaye mu gihugu ca kure, ryitondeye ivyagezwe vy'Imana, aririyo hanga ryavutse ubwa kabiri, rikoranirijwe muri Palestina kandi ryongeyekugarukanirwa ivyaryo. Ya Nyenyeri ya Dawidi ifise amasonga atandatu, ibenderarya kera ribaho mw'isi : ihanga riheruka kuvuka muri iyi myaka iheze. NiIsirayeli.

Mu mahanga biranse,

Isirayeli yavyutse,

Ni ibimenyetso vyahanuwe na Bibiliya !

Imisi y'Abanyamahanga iraharuye,

Yuzuye amaganya

Yemwe abasabagiye,

Garuke mu banyu

Umusi wo gucungurwa uri hafi

Abantu baranduwe imitiman'ubwoba (itegereze nimuvyitegereze, bose bataye imitwe)

Nimwuzure Mpwemu Amatara yanyu yame yogeje kandi yaka.

Unamure amaso yanyu, ugucungurwa kwanyukuregereje.

Abavugishwa b'ibinyoma barabesha

Bahakana Ukuri kw'Imana,

Ngo Yesu Kristo si We Manayacu, (Imana ishimwe !) Ariko impishuro yaraje.

Kubw'ivyo tuzogendera mumakanda y'intumwa (aho zaciye nyene)

Kuko umusi wo gucungurwawegereje,

Abantu baranduwe imitiman'ubwoba,

Nimwuzure Mpwemu,

Amatara yanyu yame yogejekandi yaka.

Unamure amaso yanyu! Ugucungurwakwanyu kuregereje!

124 Oh! Yosefuabonye murumuna wiwe Benyamini ahagaze imbere yiwe! Yari murumuna wiwe. Hariyayari yarabonye Benyamini kakiri gato. Imiryango y'Abayuda iriko iragaruka ahobamwe 144.000 bazoba bari, biteguriye kwakira Kristo; ni bamubona aje, bazovugabati: « Ng'iyi Imana yacu twariturindiriye. » Babonye rero inkovu mu biganza vyiwe maze babaze bati: « Zavuye he? »

Azokwishura ati: « Niizo nakomerekeye mu nzu y'abakunzi banje.»

Bazoborogabarire. Kandi umuryango wose, umuryango wa Dawidi, uwa Nefutari n'iyindi, izojaumwe umwe ukwawo, umuryango umwe umwe ukwawo, kandi bazokwicuza ni babona mukirere umwe bacumita.

Azobaafise ubuhe butumwa? Umvirize ico Yosefu avuga!

125 Ikindina co. Igihe Abisirayeli bari bahagaze imbere ya Yosefu, yarabitegereje mazeaca abona Benyamini mutoya wabo. Yarabonye ba Efurayimu n'abandi bose, Gadi nabene se bose. Iyo miryango cumi yari imbere yiwe. Bose yarababona. Yari aziyuko ari bene se. Kandi akibona Benyamini mutoyi wiwe, yaciye atangurakunigurwa n'ikigumbagumba. Yari azi ko ari ab'iwabo. Yavuze gute? « Nimusohoreabantu bose!» Ni igiki cashikiye umugore wiwe n'abana biwe? Baciye binjira mungoro.

Ishengeroryo mu mahanga rizamuwe rizoja he? Mu Ngoro! Umugeni (Haleluya!), Umugeniazokurwa kw'isi niyazamurwa. Kandi agarutse, umugeni wiwe ntibazoba bari kumweaho azoba ariko arimenyekanisha kuri bene se, barya Bayuda bamucumise; bamwebamwanka.

Yamaraumugore wiwe n'abakunzi biwe, abagenzi biwe ba hafi, umugendanyi wiwe Imanayari yaramurungikiye, abo bose bari mu ngoro.

126 Kandi igihe Yosefu yabaraba, yababwiye kobari... Bo nyene ubwabo ntibari bazi uwo ari we; bari bajakariye uwo mutwareakomeye, baca batangura kuvugana hagati yabo ivyo bari barakoze vyose.

Nibazako ari Efurayimu, canke nako atari Efurayimu, ariko ndibagiye uwo ari we muriaka kanya, ya - yavuze ati: « Ntitwari dukwiye kwica mwenewacu Yosefu.‟ Avugaati. ″Murabona, ubu rero reka twishure.» Reyubeni, Reyubeni yavuze ati: «Ntitwaridukwiye kwica mwenewacu,‟ avuga ati, ″kuko ubu, murabona, turiko turishuraibihwanye n'ivyo twakoze».

KandiYosefu yari aho imbere yabo; ntibibaza yuko atahura igiheburayo yamarayaragitahura.

Bamwebaribaza bati: « Sinumva na kimwe mu bijanye no kuvuga mu ndimi! » Yamara Yo iratahura vyose. Ubwami bwo mubanyamahanga bwazananye no kuvuga mu ndimi no kuzisobanura, mu mutwe w'izahabu,umutwe wa mbere imbere y'uko usenyuka. Ni igiki carangije ubwo bwami bwa mbere?Ni urwandiko rwari ku rusika rwanditswe mu rurimi rutamenyekana, kandi ngahohariho umuntu yari ashoboye kuzisobanura no kuvuga ico bisigura. Ivyobizorangira nk'uko nyene. Amen! Ivyo uko bitanguye ni ko birangira.

127 Bibazayuko Yosefu atatahura ururimi rwabo, ariko yararutahura. Maze bakavugana bati :« Murabona ibidushikiye? »

Yosefu reroabonye yuko bicujije ku vyo bakoze...

Arabonaintuntu yabo n'ukwicuza bitewe n'uko bamwanse, muri uyo mwanya, n'umubabaro.Ari hafi gukura Ishengero ryiwe mw'isi kugira arijane mu Bwiza. Mazeniyagaruka, amoko yose yo mw'isi azoboroga.

Bakozeiki? Reyubeni bo n'abandi bose baca batangura kurira, maze baravuga bati: «Yo! Yo! » Baragize ubwoba maze bavuga bati: «Ni we. Ubu ubwacu buraheze! Aratwica...Turazi yuko tugira duhone ubu nyene, kuko ari uwo Yosefu yari amaze igihekinini cane tutari kumwe. Ni Yosefu? Mwene data, ubu tugira tuvyishure! »

Arikoyarababwiye ati: « Ntimwiteko ibirake: Imana yabikoze kugira ngo ibarokorereubugingo.»

Imanayari yakoze iki? Ni kubera iki Abayuda banse Yesu? Kugira ngo twebweabanyamahanga, abantu yahamagaye kubera Izina ryayo... Imana yabikoze kugirango irokore ubugingo bw'Ishengero ryo mu banyamahanga ari We Mugeni.

128 Amokoyose yamwanse azoboroga. Azonyegera mu masenga no mu bitandara. Azohungira kumisozi. Yaramwanse! Amoko yose yo kw'isi azoboroga kubera We. Kandi umuryangoumwe umwe wose w'Abisirayeli uzoja ukwawo, imiryango izoja umwe umwe ukwawomaze ivuge iti: « Ni kubera iki twakoze ivyo? Twamwanse gute? Gute? Ari ngaho!Ni ya Mana twari turindiriye. None ng'uyo afise inkovu z'imisumari mu biganzavyiwe, kandi ni twebwe twabikoze! »

Ni navyo nyene bene se na Yosefu bavuze igihe bagaruka, bati: «Niumwe Yosefu twagurisha!»

Yariyababwiye ati: « Ni jewe Yosefu, mweneso mwagurishije kugira ngo njanwe muri Egiputa.»

«Yo! »Baragize ubwoba, baricuza kandi baraboroga, umwe umwe yegera mugenzi we,bavugana bati: «None tuja kugira dute? »

Yababwiyeati: «Ntimubabare ngo mwirakire, kuko Imana ni Yo yakoze ivyo vyose. Imana niYo yatumye mbitangira imbere.»

129 Imana ni Yo yaremye abantu bose; baba abirabure, abazungu, abari inzobe, abasan'umuhondo; abantu bose. Yaremye abanyamahanga, kandi yaremye n'Abayuda.Yaremye vyose kandi vyose bibereyeho icubahiro cayo. Abayuda bategerezwagushiburwa kugira ngo habe umugeni atowe mu banyamahanga.

Ni co gituma hari ivyo bigereranyo vyose.Gurtyo rero, Umugeni wo mu banyamahanga ari kumwe n'amasigarira yiwe, uwomugeni w'ubwiza wo kuri wa musi wa Pentekote, yogejwe mu Maraso ya wa Mwagaziw'Intama, afise muri we ubushobozi bwose bwo kuzuka, umusi umwe azozamurwa (mukanya isase, nk'ako gukubita urugohe) kugira abe aho Yesu ari, ni ho azocaagaruka (yigizeyo ibintu vyose) kugira ngo yimenyeshe bene Se.

130 Mukurangiza nimwihweze ico Ivyanditswe bivuga. Oh !

Ehe arazanana n'ibicu, kandi ijisho ryose rizomubona (Avuga ukuza kwiwe kwa kabiri, si izamurwa), n'abamucumise...

Igice ca7 mbere, umurongo wa mbere…Nako umurongo wa 7 w'igice ca mbere :

« ...kandi ijisho ryose rizomubona, n'abamucumisebazomubona; kandi amoko yose yo mw'isi azoborogeshwa na We. Ni ko biri Amen!»

Hanyumaaca avuga ano majambo meza cane. Ni nde? Ni nde, uwobiteze?

Jewe ndi Alufa na Omega Jewe ndi A na Z, ( mu ndome z'ikigiriki A na Z)…

131 Ivyakozwe n'Intumwa 2 : 36 ni ho… Petero avuga ati : «Kukw'ata rindi zina munsi y'Ijururyahawe abantu dukwiye gukirizwamwo. »Oya, ndabasavye imbabazi, nabivuze ukutariko. Havuga ngo : « N'ukw'abo mumuryango wa Isirayeli bose ni bamenye badakekeranya yukw'Imana yamugize Umwamina Kristo, Yesu umwe mwabamba. »

MuriYohana 14 : 7 na 12, Toma aravuga ati : « Mugenzi, twereke So, bizoba bihagije.»

Yarishuyeati: « Mbega ko nabanye namwe igihe kingana girtyo, nturakaruha umenya? Ubonyejewe aba abonye Data: none uvuga ute ngo twereke So? »... «Jewe na Data turiUmwe »

Igihekimwe nabibwiye umupfasoni umwe aca aranyishura ati: «Akanya gato,Mushingantahe Branham,

wewe n'umugore wawe namwe muri umwe. »

Ndamwishura nti : « Si co kimwe. »

Ati : «Ugize ngw'iki ? »

Ndamubaza nti : «Urambona ?»

Ati : « Ego ! »

Nti : « Umugore wanjeuramubona ? »

Yishuye ati : « Oya »

Naciyendamubwira nti : « Aho rero si co kimwe. Yavuze ati : Mumbonye muba mubonyeData. » Aho nta co kwongerako cariho!

132 Rero muri Yohana Mweranda, canke 1Yohana5 : 7 kugeza ku 8 Bibiliya yaravuze. Aho uwuvugani we nyene yanditse Uguhishurirwa Yesu yamuhaye. Avuga ati : « Kukw'ibishingaintahe ari bitatu mw'Ijuru : Data, Jambo. (Umwana ni We Jambo)... Data, Ijambona Mpwemu Yera : kandi ivyo bitatu ni kimwe. Hari bitatu bishinga intahekw'isi, amazi, amaraso, na Mpwemu: kandi ivyo bitatu bihuriza hamwe... »ntibigize « umwe» ariko bihuriza hamwe.

Ntimushoborakugira Data mutagira Umwana. Ntimushobora kugira Data canke Umwana mutagiraMpwemu Yera. Ni ko biri. Kandi amazi, amaraso na Mpwemu ni ivya ngombwa kugirango twinjire mu mubiri wiwe.

Iyohabaye ivuka risanzwe, ikibanza guseruka ni igiki iyo umugore ariko aribarukaumwana ? Ikintu ca mbere ni amazi, ica kabiri niamaraso ; mbega si vyo ? Igica gikurikira ni impwemu : Uruyoya ruca ruronkaimpwemu maze rugatangura guhema. Amazi, amaraso n'impwemu ; ni vyo bigizeukuvuka gusanzwe.

Co kimwe n'ukuvukakwo mu buryo bw'impwemu. Umubatizo wo mu mazi mw'Izina rya Yesu Kristo,ugutsindanishirizwa kubwo kwizera, ni ukwizera Umwami Yesu Kristo; ni amazi. Niigiki gica gikurikira? Amaraso amuvamwo yerekana ukwezwa, uguhumanurwa.

133 Aho ni ho mwihenderayemwe abo mw'idini ry'Abanazariyano. Mwarabandanije mushitse ngahontimwaharenga. Urwavya rwejejwe ruri ku gicaniro ruba ruteguwe ngo rukoreigikorwa ariko ntiruba ruri MU gikorwa. « Hahirwaa- (ni muri ya mahirwe) bafise inzaran'inyota vyo kugororoka kuko bazohazwa. » Urwavya ruba rwejejwe, nivyo.

Ni nka za nkumicumi. Ijambo inkumi risigura igitunganye, icera, kitavanze, cejejwe. Zitanuzari zifise amavuta, zitanu zindi ntayo zari zifise ; zitanu zari zakwije ayogushira ku ruhande, abandi nabo bari bagarukiye ku kwezwa. « Mbega mwarahawe Mpwemu Yera MUMAZE kwizera? »… mwebwe ababatiste? Mwebwe Abaperesibiteriyano?

«Ntitwari bwanavyumveyuko Mpwemu Yera yatanzwe.»

« None mwabatijweumubatizo ki ? » Uhuu.

Bamaze gukizwa nokwezwa, barabarambitseko ibiganza maze baca buzura Mpwemu Yera. Ni ivy'ukuri.

134 Amazi, amaraso,Mpwemu. Yesu yazanywe no kwoza, guhumanura no kweza Ishengero kugira ashoborekuza kuribamwo. Amaraso yiwe bwite ! Yatanze amaraso yiwe bwite, yavutse avuyeku Mana, kugira ngo ashobore kuduhumanura ukuvuka kwacu kwaciye ku gitsina,maze atugire urwavya rwejejwe, rwera, urwo ashobora kuzamwo ubwiwe.

«Hasigaye igihegito, ab'isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzombona, kuko n-(insigarirazinamuvugwa) - diho namwe muzobaho, mbere nzoba ndi muri mwebwe, gushitsakw'iherezo ry'ibihe ! » Amen ! « Mu nzira yose nzoba ndi kumwe namwe mberenzoba ndi muri mwebwe. Ibikorwa nkora, namwe muzokora ibisa na vyo. Ibibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera », Imana iri mw'Ishengero ! Oh !Ubumana !... » Hari bitatu bishinga intahe mw'Ijuru ; Data, Jambo (Umwana),Mpwemu Yera : ni Umwe. »

135 Murashobora gukizwantimwezwe. Murashobora kwezwa, ntimuhabwe Mpwemu Yera. Ni ivy'ukuri ! Mukagiraimpwemu yo kwezwa mutujujwe. Umutima wawe urashobora kwezwa, ugahumanurwa,ariko ntiwuzure ikintu na kimwe. Ni kubw'ivyo havugwa ngo : « Iy'impwemu ihumanye ivuye mu muntu, icaahatagira amazi, irondera uburuhukiro, ikabubura, ikavuga iti reka nsubire munzu navuyemwo. Ihashitse igasanga ikubuye, iteguritse igaca igenda, ikazanaizindi mpwemu mbi ndwi ziyirusha ububi ; zikinjira zikahaba. Ivya nyuma vy'uwomuntu bikarusha ivya mbere ububi.»

Ni vyovyabashikiye yemwe mwa ngenzi z'Ubweranda mwe, mwa ba Nazareye n'abandi. Mwaremeye; maze igihe Mpwemu Yera yaza,atanguye kuvuga mu ndimi no gutanga ibimenyetso n'ibitangaza, mwavuze yuko ivyobiva kwa Satani, maze muba murogose ku bikorwa vy'Imana mu kuvyita «ivyanduye».None rabe aho ishengero ryanyu rigeze ? Nimusohoke murivemwo ! Igihe kirashitseaho uguhishurwa kwa Yesu kwigishwa, aho Imana ihishurwa mu bushobozibw'ukugaragara kwa Mpwemu Yera. Amen ! Umusi w'ubucunguzi uri hafi.

136 Uburero, ku vyerekeye Ubumana buri muri We, reka dusome Timoteyo wa mbere 3:16

…Ntawuhakana yukw'ibanga ryo kwubaha Imana ridahambayecane, ni iri : Umwe yerekanwe afise umubiri, akaboneka ari umugororotsi mumpwemu akabonwa n'abamarayika, akamenyekanishwa mu banyamahanga, akizererwamw'isi, akaduzwa agahabga ubgiza.

Oh!Kandi ivyo birabandanya, bikongera bikabandanya. Yamara none tugeze he? Kumpera y'umurongo w'umunani.

Kumugoroba turaja guhera ku murongo w'icenda, uvuga kw'iyerekwa ry'i Patimo. Yo,hari ibintu bihambaye tubikiwe. Mbega muramukunda?

Ndamukunda; ndamukunda,

Kuko ari We yabanje kunkunda,

Maze akandonkeraagakiza

Ku giti c'i Kaluvariyo.

137 Mbegamuramukunda vyukuri? Imana yarabibwiye? Yihishura ko ari We mwana w'Imana, YesuKristo? Imana yagaragaye mu mubiri kugira ngo ikure icaha. Yihishuye hagatimw'ishengero ryiwe mu gihe ca nyuma, yimenyekanisha.

Kubijanye n'ivyo bintu nyene biba mw'Ishengero, nimurindire ubu butumwa buhere,maze muraja kubona namba Bibiliya itavuga ko ivyo bintu vyategerezwa gushika.Ni vyo koko! Nimurabe ko bidashika neza na neza mu gihe c'ishengero rya Efeso,rya Perugamo, rya Tuwatira bo no mu bihe vy'ishengero vyakurikiye, muri burigihe c'ishengero.

Bibiliyayatubwiye ivyo Luteri azokora, ivyo Wesileyi azokora. Bo n'ingene ririya dinirya Pentekote rizoba akazuyazi mu gihe c'Ishengero rya Lawodikiya; ariko muriivyo ni ho izokura abantu bayo. Ni ivy'ukuri. Neza na neza ni ivyo. Turikw'iherezo. Oh? Ndanezerewe cane!... Yo, mu vyo neretswe naribonyemwo, ndikondaduga nongera ndaba abagenzi banje n'ibintu vyose, kandi nabonye n'uko isiigeze ahatemba. Ese ukuntu ukuza kw'Umwami kwegereje! Turi kw'iherezo ry'igihec'ishengero.

138 Imitimay'abantu idendebuwe n'ubwoba. Hose, mw'isi... kw'itelefone no kw'iradiyo;tuguma twumva bavuga bati : Nimwitegurire igitero c'indege. Nimutore ibi n'ibinimumanuke mu mazu yo mu kuzimu! Muzokwinyegeza mute? Ivyo ntawovyikinga. Icokintu kirashobora kwimba kija mu kuzimu gushika ku birometero bine n'igice, bo no kuburinganire bwa Kilometero kwadarato 58249,82 ... Hamwe iyo bombe yogwangaha, ukunyiganyiga kwotuma na Indianapolis hakomvomvorwa. Hamwe iyo bombeyogwa ngaha i Louisville,, Indianapolis hosigara ari ikigungazi c'ugusenyerana.Ibindi babitse ntavyo tuzi uretse ivyo!

Kandinimurabe, ntimutegerezwa ku…Murazi, Si Uburusiya butegerezwa kuzokora ivyo : naCuba irashobora kubikora. Igihugu ico ari co cose kinganya ubwaguke na Alcatrazcoshobora gusambura isi yose. Ikintu kimwe gusa bakora kwoba gutumbereza mazebagakwega ipfundo. Ntihakenewe abasirikare benshi, hakenewe gusa umwihevyiakoreshwa n'umurwanizi kugira ngo abikore! Ni vyo koko. Azobikora maze vyosebibe birangiye. Vyose rero bizoba birangiye.

139 Ariko,oh, reka ndababwire iki kintu kirimwo imigisha! Mu gihe tubona yuko ivyovyegereje, mu gihe tubonye yuko vyoshobora gushika imbere y'uko buca... Mwibukeyuko Ishengero ryitahira imbere y'uko ivyo bintu bishika. Izamurwa rizobanzakuba.

Ubu rerokugira ngo ntimuzazanirwe, mwibuke ko Yesu yavuze ati : «Ivyashitse mu misi yaNowa, ivyashitse mu misi ya Loti...» Mwibuke ko imbere y'uko hakoroka ima narimwe ry'imvura, Nowa yari mu bwato. Murabibona? Nowa yari ikigereranyoc'Abayuda, ariko Henoki we yitahiye adaciye mu rupfu. Kandi Nowa abonye koHenoki yigiriye yaciye amenya yuko igihe kigeze c'uko atangura kwitaho bwabwato. Ni uko. Igihe Henoki yitahira, kuri Nowa cari ikimenyetso. KandiIshengero ryo mu banyamahanga rimaze kuzamurwa, buno nyene Azoca yimenyeshaAbisirayeli. Murabibona? Ni ivy'ukuri.

140 Nk'ukoYesu yabivuze, nimwibuke ko mu misi ya Loti, imbere y'uko akariro na gatoyagatangura guturira isi, abamarayika baravuze bati : «Ihute! Ningoga! Sohokamuve ngaho, kuko ata na kimwe dushobora gukora mutaragenda.» Igihe umurirowatibuka, Loti n'umuryango wiwe bari bageze kure. Uko ni ko izamurwa rizoshikaimbere y'uko vya vyago bihambaye bitangura.

Ku bijanye na vya vyago bihambaye, abantu benshi bari mu madidane; yamara ivyotuzobishira mu buryo muri iyi ndwi, Imana ibikunze, Umwami ni yadufasha.Murindiriye igihe ca vya vyago bihambaye... ivyo turabibona muri Bibiliyank'ikigereranyo muri ya misi Yakobo yaboneramwo amakuba, murabona, igihe yari ahagaritse umutima. Ivyo nta cobipfana n'abanyamahanga. Nta kigereranyo na kimwe cavyo kiri muri Bibiliya.Ishengero ryo mu banyamahanga riba ryazamuwe.

141 Nonemurindiriye kubona amazi ahinduka amaraso bo n'ibintu nk'ivyo, kandi ariibitegerezwa kugaruka kuri Isirayeli Mose na Eliya baje. Eliya agarutse ubugirakane... Nta n'umwe muri bo yapfuye; canke namba Mose yarapfuye, ntibamenye ahoyahambwe. Hagati aho yategerezwa kuba yazutse, kuko kuri wa musozi woGuhindurirwako, bamubonye avugana na Yesu. Si vyo? Murabona?

Nukorero bazogaruka maze bicwe; kandi bazogangarara ahantu ho mu buryo bw'impwemuhitwa «Sodomu», hamwe Umwami wacu yabambwe, i Yerusalemu. Babwira ubutumwaAbayuda; bari bafise ububasha bwo guteza isi ivyago, bagakinga ijuru no gukoraibintu bisa n'ivyo. Kw'iherezo ry'ibango ry'igikorwa c'Ishengero ryo mubanyamahanga, ryo rizoca ryitahira, maze iryo bango ry'igikorwa rizobandanyakuko rifitaniye isano n'ivyo. Ni ho hazoba uguca amateka ku kintu ico ari cocose. Bibiri vya bitatu vy'isi bizotezwa ivyago, n'ibindi n'ibindi. Igiheimivyimba y'abo bavugishwa n'Imana babiri izomara imisi itatu igangaraye muriico kibanza, itegereze ukuntu bameze.

142 Rabe arya masanamu banzaniye bayakuye muri Amerika y'amaja epfo, igihe bica wamumisiyonari w'abapentekote bo n'umugore wiwe. Tubabona barambarayemw'ibarabara. Ni ho yari, ari kumwe n'utwana tubiri, agakobwa inda yako yariyatumvye nka gurtya : ntibashatse no kubahamba. Mu kiringo c'imisi itatu cankeine barabacirako mu gihe baba babaciye i ruhande. Mwene Data Kopp ni we yafasheayo masanamu, ndayafise i muhira. Murabibona? Ni bwo buryo bwabo bwo gukora.

Hanyumabaca barungikiranira utuganuke. Nimwihweze ivyo bigereranyo muri Bibiliya mazemuraca mubona ishengero rizokora ivyo iryo ari ryo! Ni ivy'ukuri! Kandi ivyobigiye gushika vuba, kandi ivyo biriko biranyororomba vyinyegeteza bwa nzoka,harimwo n'ubugunge bwose bushoboka; turabona ibimenyetso bibura ivyo bintu.

143 Nimwibaze ku vyo navugishijwe n'Umwami mu 1933, ambwira ingene ivyo bizogenda : «Bazoha abagore uburenganzira bwo gutora;kandi mu gutora bazotora uwutari akwiye gutorwa ameze nabi » Ibintu ndwivyaravuzwe, kandi bitanu muri vyo vyaramaze gushika. Ikintu cakurikira yariumugore ahambaye, ishengero, ububasha canke ikindi kintu, catwara Leta ZunzeUbumwe za Amerika kikayitegeka. Hanyuma mbona umengo ni iminyota yasabagiyeigihe ivyo vyari birangiye. Cari igihe c'iherezo.

Vyavugabiti : « Bazoba bafise imodokari izobaizi kwitwara, itazoba ikeneye umudereva.» Baheruka kuyikora. Imyaka cumi n'umweimbere y'uko biba…

MpwemuYera yarambariye. Ivyo biranditswe ku mpapuro, kandi ntawobihakana. Ng'ibibiranditswe nk'uko Mpwemu Yera yabivuze.

Imyakacumi n'umwe imbere y'uko rwa ruhome rwitiriwe Maginot rwubakwa nari navuze nti: « Perezida Roosevelt azoba umuntu mubi wo muri Amerika. »

Kandi nivyo vyashitse; si ukugira ngo ndabashavuze mwebwe abademokrate. Ariko ubundabibabwiye : ntituriko tuvuga umudemokrate canke umurepubulike, uwo tuvuga niYesu Kristo umwana w'Imana. Sinshigikiye umudemokrate canke umurepubulike arikondi Umukristo.

144 Ahanyene, uwundi musi, namba mushaka kubona ingene abo bantu ari akagwik'ibihemu... Murabona ingene bibishije za mashini bakoresha mu gutora, ku buryoigihe cose mwatora Umushingantahe Nixon, mwaba muhaye ijwi n'uwundi muri uwomwanya nyene. Yo! J.Edgar Hoover yaciye akuraho izo mashini. Ni bangahebabisomye? Ego, ni vyo nta nkeka, biri mu binyamakuru vyose, amakuru n'ibindivyose. Murabona aho tugeze?

Ntahandi hari ikintu co kwizigirwa kiretse muri Kristo. Amen. Oh! Ese ukuntu ikiGitabo ca kera gihezagiye! Ni ivyo! Ni co conyene kizokubwira uwo uri we, iyouva n'iyo uja. Ego, ese iki gitabo ca kera kandi gihezagiye. Oh! Ivyo bitumandayikunda. Mweho si ko biri?

Kwizera Data, kwizeraUmwana;

Kwizera Mpwemu Yera, ivyobitatu ni ikintu kimwe;

Amadayimoni azohinda agashitsi,abanyavyaha bazokwikangura

Kwizera Yehova kunyiganyizavyose.

Amen.

145 Bagenzi nkunda,ese ukuntu umusi uri imbere yacu ari uw'ubwiza! Uguhishurwa kwa Yesu Kristo,Imana

yahaye umumarayika na we akaba yaje kugushikiriza Yohana, kugira ngoamenyeshe abo mu bihe vy'Ishengero ibintu tubikiwe.

Umwamiaduhezagire muri aka kanya, mu gihe duhagurutse. Maze uwuri ku nanga aduheurugero turirimbirako namba bibahimbaye. Turaririmba ngo : « Jana Izina rya Yesu.»

Uburero nimwumvirize. Nta nkeka ko muri kino gitondo hariho abari muri rino hemabatari aba hano. Nagomba ko mubaramutsa. Mubatumire ngo baze i wanyu, n'ivyomushobora vyose, kandi umwe wese yumve yisanze. Nashaka rwose ko mwesemubikora.

Kandimwibuke yuko igikorane kija gutangura isaha imwe zo ku mugoroba; kandi kw'isahaimwe n'igice ndaja kuvuga kw'iyerekwa ry'i Patimo. Ejo ku mugoroba, Umwamiabikunze nzovuga ku gihe ca mbere c'Ishengero, Igihe c'Ishengero rya Efeso.

146 Ubu rerotugira turirimbe duti : «Izina ry'Umwami Yesu», ni yo ndirimbodusozezererako mw'ihema ryacu rito. Ubu reroumwe umwe wese aririmbe. Neza cane.

Izina ry'Umwami Yesu

Ni ryo ryokuremesha;

Mu magorwa yawe yose;

Rijane ah'uja hose

N'Izina ryiza pe;

Baryizigire mw'isi,

N'Izina ryiza cane!

Barishime mw'Ijuru.

147 Ubu,tutararirimba igitero gikurikira, ngomba ko Ababatiste, Abapentekote,Abakatolika, aba Nazariyano, Ingenzi z'ubweranda, bafatane amabokon'ababakikije, n'uwuri imbere yawe umuhe ukuboko, i ruhande yawe, inyuma yawe,uvuga uti : «Ewe ngenzi y'umukristo, mugenzi wanje, ndanezerewe no kuba ndikumwe nawe muri kino gitondo, nezerewe no gufataniriza hamwe nawe muri binobintu vy'Imana. Kandi ndazi yuko twabaye mu bihe vyiza kandi nizeye ko njagusubira kukubona ku mugoroba.» Nukore ikintu nk'ico mu kuramutsa abari imbereyanyu, inyuma yanyu, hirya no hino yanyu.

Amavi yoseapfukame Mw'Izina ry'Umukiza (N'aho ku mugoroba mwene Data Neville. Ni ahanimugoroba.)

N'indimi zize zemere

Ko Yesuar'Uhoraho

Tuzomwambika igitsibo .

N'Izina ryiza pe!

Baryizigire mw'isi

N'Izina ryiza cane

Barishime mw'Ijuru

Kugez'aho tuzobonana!

Aho tuzobanana Yesu; Kugez' aho tuzobonana Yes'abehamwe nawe hose!

Kandi ubu,twunamitse imitwe yacu:

Kugez'ahotuzobonana!

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7